# Imana Irihisha Yo Nyene UbwaYo Mu Bwiyoroshi, Igaca Yihishura Yo Nyene UbwaYo Mw'Ubwo Buryo Nyene

Jeffersonville, Indiana, USA
17 Ntwarante 1963 Mu Gatondo

1 Mwaramutse, bagenzi. Kuri jewe, kuba ndi ngaha muri iri Hema muri kano gatondo, ni kimwe mu bihe vyiza ngize kuva nabaho, kubona ukuntu yubakitse n'ingene abana b'Imana bicaye mu ngoro yaYo. Ejo ngishika aha naratangajwe no kubona iyi nyubakwa! Ntivyari no mu ndoto ko yomera uku! Ubwa mbere bakinyereka urupapuro rucapuweko uko izokwubakwa, nabona ko ari akumba gato gusa kari ku ruhande. N'uko turakengurukiye Ishobora vyose kubwa kino kibanza ciza cane. Kandi tura...

2 Muri kino gitondo ndabashikirije indamukanyo z'umukenyezi wanje n'iz'abana banje bari bashimye ko boba bari hano kubw'igikorwa co gushikanira Imana urusengero no kubw'ino yinga yo kwishikanira Kristo; ariko abana bo bari kw'ishure kandi ntivyoshoboka namba ko twobazana. Ubu ntibacicuza na gato kubw'inzu yabo ya kera, ariko twebwe, ntituzokwigera na rimwe twibagira urukundo rw'abavukana tubafitiye. Kugira abagenzi ni vyiza cane kandi ndashima kubona mfise abagenzi aho ari ho hose, ariko hariho ikintu kidasanzwe ku vyerekeye abagenzi ba kera. Naho mworonka abagenzi bashasha, ntibashobora kumera nk'abagenzi ba kera. Aho noja hose, aha hantu hazokwama hambera ah'agaciro. Haciye imyaka nka mirongo itatu nshikaniye Yesu Kristo iki kibanza igihe cari kikiri urudigi, ikidengeri c'amazi. Ni na co gituma iri barabara ritariko amamangazini: ibarabara ryategerezwa kurinda gukikuza kugira ngo ntirice mu kidengeri cari kiri aha muri ico gihe.

3 Aha hamera amashurwe y'ibirungu amwe yo mu biziba. Ikirungu ni ishurwe ritangaje cane. Rimerera mu vyondo kandi rigategerezwa gukura riciye mu vyondo, mu mazi no mu minyika kugira ngo riseruke hejuru maze ribone kugaragaza ubwiza bwaryo. Muri kino gitondo ndibaza ko uko nyene ari ko vyagenze hano; agashurwe k'ikirungu kamera mu bidengeri karameze aha hantu maze kamaze gushika hejuru y'amazi kaciye gasanzurura amababi yako gaca kerekana ishusho ya ca Shurwe ryo mu Biyaya."

4 Ese yoramba! Ese yoba inzu yeguriwe Imana rwose! Iri Hema ubwaryo ryashikaniwe Imana mu 1933, ariko muri kino gitondo turibaza ko vyoba vyiza hongeye kubaho umwanya muto wo kwishikanira Imana na cane cane ku bantu batumye ibi vyose bishoboka kubwo urukundo rwabo no kubwo ukwitangira Kristo kwabo.

5 Kandi nipfuza gushimira umwe umwe wese wo muri mwebwe kubwo amashikanwa yanyu n'ivyo mwakoze vyose kugira ngo runo rusengero rushobore gushikanirwa Kristo. Ivyo ndabishimye cane rwose kandi ndashimiye ikoraniro kuko ryansavye ko novuga aya majambo atera iteka bene Data b'intwari bo muri rino shengero bitanze batiziganya, ari bo: mwene Data muhire Banks Wood, mwene Data muhire Roy Roberson n'abandi benshi nyene bakoranye umutima utarondera amaronko kandi uciye bugufi bamara amezi kugira ino nzu bayigire ico iri uno

musi, bo barazwa ishinga n'uko vyose bikorwa neza.

6 Oo! Igihe nari ninjiye maze nkabona aha imbere havugirwa ubutumwa, ari nabwo bwoko bw'ahavugirwa ubutumwa nahora nifuza mu buzima bwanje bwose!... Mwene Data Wood yari azi ico nahora nifuza! Ntiyigeze avuga ko azohubaka, ariko yarahubatse. Kandi nihweje rwose inyubako yose; vyose biratunganye pe!

7 Sindonse amajambo nokoresha kugira ngo ngaragaze umunezero mfise: ntibishoboka! Ariko Imana irantahura. Kandi umuntu wese muri mwebwe azohemberwe agacumu k'ubumwe kiwe, ku vyo yakoze vyose kugira ngo aha hantu habe inzu y'Umwami. Nashaka kandi kuvuga ibi: iyi nzu, n'aho ari nziza haba imbere n'inyuma... Muramwanje yitwa Weber Junior, yakoze ivyo kuduza impome... simbona uko yari gushobora gukora kurusha aho, ni igikorwa gitunganye.

8 Hano hariho uwundi mwene Data (sindamuzi) yashizeho ibituma amajwi yumvikana. Ndabona ko no mu nyubako iramvuye nk'iyi, ata gakosa na kamwe kari mu vyo gusohora amajwi; inyuma vyashizwe mw'idari mu mpande zitandukanye maze gurtyo rero, aho noba mperereye hose, nta co bihindura. Mu bindi vyumba vyose harimwo ivyuma birungika amajwi kure. Aho mwoba muri hose murashobora kwumva. Ndizera ko Ukuboko kw'Imana Ishobora vyose ari kwo kwashizeho ivyo.

9 Gurtyo rero, namba Umwami wacu yaraduhaye ahantu dushobora kumusengera... harusha kuba heza uko hari hameze, haciye imyaka mirongo itatu, hamwe twatangura dufise inzu itagira isima hasi hakaba hari hashashe umuguruka w'ibibazurwa vy'imbaho kandi twicara i ruhande y'udukono dushusha ubutare twari tumaze igihe kirekire. Uwayubakishije, ari we mwene Data Wood, na mwene Data Roberson bambariye yuko ivyo bikono bishaje vyaruhiye kwatsa umuriro uturira inkingi, mbere zarahiye nk'intambuko zibiri canke zitatu z'ikirenge. None ni kubera iki zitahiye ngo ziherengetere? Imana yonyene yarazirinze. Kandi zimaze gusha, uburemere bwose bw'Ihema bwaciye buziremera, none ni ukubera iki ritaciye risenyuka? Ikiganza c'Imana conyene ni co cabibujije! Ubu ho vyose vyubakishijwe ivyuma kandi bishinzwe kw'isi igumye. Vyose birakomeye.

10 Ndibaza ko igikorwa cacu uno musi ari ico gukora uko dushoboye kugira ngo

bitewe n'ubuntu bw'Imana, imbere naho habe hatunganye kugira ngo twereke Imana ugukenguruka kwacu; kugira inyubakwa nziza gusa yo gukoraniramwo ntibihagije

ariko vyari bikwiye ko umwe umwe wese mu binjira hano abona ingeso nziza za

Yesu Kristo mu muntu wese yoba ari muri yo. Aha haze habe ahantu hashikaniwe Umwami wacu, abantu biyeguriye Imana,

kuko ubwiza bw'inyubakwa bufise akamaro gato (ivyo turabishima nta nkeka),

ariko ingeso nziza z'abanyeshengero ni zo zikwiye kuba ubwiza bw'urusengero.

Ndizigira ko izohora ari inzu y'Imana irangwa n'ubwo bwiza nyene.

11 Mu gihe co gushiraho ibuye ry'umushinge naciye nerekwa ibintu vyiza rwose; ivyo vyaranditswe maze nca ndabishira mw'ibuye ry'imfuruka mu gitondo c'aho

nariko ndayishikanira Imana.

12 Nkumbure mu minota mike iheze mwibajije igituma nacerewe muri iki gitondo. Igikorwa ca mbere nakoze igihe nari ninjiye muri runo rusengero rushasha cabaye ico kuraganisha umusore n'inkumi bari baje mu biro vyanje bazanywe n'ico. Ivyo bibe ikigereranyo c'uko nzoba umukozi wa Kristo w'umwizigirwa ategura Umugeni wiwe kubwo ibirori vya wa musi ugiye kuza.

13 Kandi ubu naho dukurikize nk'uko twabigize ubwa mbere ca gihe twashikanira Imana urusengero rwa mbere. Nari nkiri umusore. Igihe twashiraho ibuye ry'umushinge, nshobora kuba nari mfise imyaka mirongo ibiri n'umwe canke mirongo ibiri n'itatu. Cari igihe c'imbere y'uko ndongora. Naguma nshaka ko noronkera Imana ahantu hatunganijwe neza rwose kugira ngo ihanga ryayo rishobore kuyihasengera. Kandi turashobora kubikora bidatewe n'inyubakwa nziza gusa ariko bitewe n'ubuzima bweguriwe Imana. Ubwo ni bwo buryo bwonyene buriho.

14 Kandi imbere y'uko dusenga isengesho ryo gushikanira Imana urusengero, turasoma imirongo mike yo mu Vyanditswe maze duce dusubira gushikanira Imana urusengero rwayo, hanyuma muri kino gitondo ndavuga ubutumwa bwiza bube intangamarara y'ubutumwa buzokurikira.

Kuri uno mugoroba nshaka kwiga igice ca gatanu c'Ivyahishuriwe Yohana ari co gihuza vya Bihe ndwi vy'Ishengero na bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo. Hanyuma ku mugoroba wo ku wa mbere tuzokwihweza ivy'umwe agendera kw'ifarasi y'igitare; ku wa kabiri ku mugoroba, ivy'umwe agendera kw'ifarasi y'agafyiri, gurtyo gurtyo, ivya bamwe bane bagendera kw'ifarasi. Hanyuma ica gatandatu kimatanije ca Gitabo kimaze kumenwa tuzoca tugira igikorane co gusengera abarwaye aha nyene muri ino nzu, ku w'iyinga mu gitondo, Imana ibigomvye. Maze ku w'iyinga ku mugoroba tuzoca turangiza. Umwami adufashe amene ikigira indwi kimatanije ca Gitabo kigizwe n'umurongo umwe rudende uvuga uti: "Kand'amenye ikigira indwi kimatanije ico Gitabo, haba agacerere mw'Ijuru nk'igihimba c'isaha." Ako gacerere...

15 Sinzi ico ivyo Bimatanije ca Gitabo bisobanura. Muri kino gitondo nta na kimwe ndabiziko noba nsumvya bamwe bamwe bari muri mwebwe. Dufise ivyiyumviro vyaturutse muri tewolojiya vyakwiragijwe n'abantu ariko ivyo ntibizokwigera bishobora kuba vyo. Ni mwaba mugomba kubimenya, ivyo bitegerezwa kuba ari ibihumetswe na Mpwemu; ivyo bitegerezwa kuza biva ku Mana yonyene ubwayo, ni Yo gusa ishobora kubikora, Yo Mwagazi w'Intama; kandi kuri uno mugoroba turihweza Igitabo c'Ubucunguzi.

16 Igituma ntamenyesha ibikorane vy'amasengesho vyo gusengera abarwaye, ni uko natse indaro mu bagenzi kandi umwanya wanje wose nkaba ndawuhebera kwiga ku vyanditswe no gusenga. Murazi ivyo neretswe kuri ba bamarayika indwi

ndi mu burengero neza na neza imbere y'uko nza kandi muzobitahura mu gihe kiri imbere.

17 Gurtyo rero muri ino nzu, mu gihe izoba imaze gushikanirwa Imana (ari na co tugiye gukora mu minota mike kugira ngo ibe iyo gusengeramwo Imana) ntitwategerezwa kuyikoresha mu kuyigurishirizamwo canke mu kuyiguriramwo ico ari co cose.

Ntitwari dukwiye kwigera tuyidandarizamwo, nk'akarorero ngo tureke abavugabutumwa ngo bayigurishirizemwo ibitabo canke ibindi bintu; uko vyoba biri kwose, hariho ahandi hantu ho kubikorera. Ntidukwiye kuzokwigera tugurira canke ngo tugurishirize mu Ngoro y'Umwami; yategerezwa kuba ahantu ho gusengera, hera, ari na co hagenewe. Yaduhaye ahantu heza; tuyimushikanire kandi na twebwe nyene ubwacu tugireko tumwishikanire.

18 Ego, ivyo bisa n'aho bigumye, ariko aha hantu si ahantu ho kuza gutemberera; ni ahantu ho gusengera. Ntidukwiye no kuzokwigera tuyivugiramwo ubwongoshwa kiretse ari ugusenga gusa, kiretse bibaye nkenerwa rwose. Ntitwategerezwa kwigera duhamagarana, ngo tugendagende canke ngo tureke abana bacu birukange muri ino nzu.

Mu kuyubaka, kandi kuko twari dusanzwe tuzi uko bitegerezwa kuba, twaciye tuyubaka, tubibera maso. Mu bisanzwe benshi baza bavuye hanze. Ikoraniro ryo muri rino Hema ryo, rirazi yuko iyi nyubakwa igiye gushikanirwa Imana kubwo igikorwa c'Isumba vyose.

19 Kubw'ivyo na twebwe nyene tubaye turi abiyeguriye Imana, twibuke ko iyo twinjiye aha hera, dutegerezwa kuguma mu gacerere maze tukahasengera Imana. Turamutse dushaka gutemberanira turashobora kubigirira ahandi, ariko ntimuze aha hantu kugira ngo muhavugirize uruyogoyogo bigatuma mubuza abandi kwiyumvira neza. Abahinjiye bahumvise urwo ruyogoyogo ntiboba bakimenya ico bakora; vyose vyoca bicika ivy'umubiri

Ivyo narabibonye mu mashengero kandi mu vy'ukuri nanje vyaranduhije.

Ntituza ahera h'Umwami kugira ngo duhure n'abandi; aha tuhazanwa no gusenga

Imana. Hanyuma tugaca dutaha i wacu. Aha hera hagenewe amasengesho. Nimugume hanze maze muheze muvuge uko mushaka mugabo bipfe kuba

bigororotse kandi vyera; mutemberanire mu mihana i wanyu ariko mwinjiye muce muceceka.

Aha muhazanwa no kugira ngo mugire ico muyibwira na Yo igire ico ibabwira. Ikibabaje ni uko tuvuga menshi yamara ntitwumvirize uko bikwiye. Ni co gituma dukwiye kuyumviriza iyo tuje hano.

20 Muri kino gitondo, kumbure ko ata muntu n'umwe ari hano yari ariho wa musi twari turiko turashikanira Imana rya Hema ry'ubwa mbere ca gihe Majoro Ulrich yariko aravuza indirimbo nanje mpagaze aha inyuma y'imisaraba itatu kugira ngo

nkore igikorwa co kurishikanira Imana.

Abadiyakoni bari bahagaze ku rugi kugira ngo babe maso ntihagire umuntu n'umwe yokurako umunwa. Mwinjire mu gihe mumaze kurangiza ibiganiro vyanyu. Mubishatse muce mugenda mu rupfasoni imbere ku gicaniro maze musengere mu gacerere. Hanyuma muheze mugaruke mu bibanza vyanyu, mwugurure Bibiliya. Ico uwo muhereranye akora kiramuraba! Nta co ufise uvuga. Niwashaka kuvugana nawe, wibwire uti: "Ndaja kumurabira hanze. Ndi hano kugira ngo nsenge Umwami." Muheze musome Ijambo ryayo canke mugume mwicaye mutekanye.

21 Ku vyerekeye ivy'indirimbo, sinzi ko mushiki wacu Gertie yoba ari hano muri kino gitondo, canke mushiki wacu Gibbs. Ni naba ndavyibuka neza, ya piyano ya kera yari iri hariya mu mfuruka. Maze mushiki wacu yaca acuraranga buke buke ati: "Harya ku Musaraba umwe Umwami wanje yapfirako," indirimbo yoroshe kandi iryohoye, kugeza umwanya w'igikorane ugeze maze uwurongora indirimbo agaca ahaguruka kugira ngo arongore indirimbo; kandi habaye hari indirimbo y'ijwi ry'umuntu umwe iryoshe yarashobora guca iririmbwa. Ariko ntivyigera biba ivyo gutangarira!

Indirimbo zavuzwa urudaca; ngaca menya rero ko caba ari igihe canje co kuza. Iyo umuvugabutumwa yinjiye mw'ishengero ririko rirasenga maze hakaba hariho ugusigwa amavuta na Mpwemu Yera, muca mumenya mudakekeranya ko Ijuru rija kuvugana namwe. Nta na kimwe kizobibuza. Ariko nimwinjira musanga ikirere kitameze neza muzoca mudidanirwa maze Mpwemu na We ace ababara. Oo, oya, ivyo ntavyo dushaka! Dushaka kwinjira aha kugira ngo dusenge. Turafise imiryango imeze neza cane, iyo ngira ndayivugeko mu kanya gato aho dushobora kuyibonaniramwo n'abagenzi bacu kandi dushobora no kuyibatumiriramwo. Aha ho ni Ingoro y'Umwami.

22 Kandi hariho n'abana bakiri bato, inzoya. Uburyo bwabo bumwe gusa bafise bwo kuronka ico bifuza ni ubwo kurira; nta kindi bazi. Rimwe na rimwe biterwa n'uko baba bafise inyota canke naho bakaba bakeneye kugiririrwa isuku. Ni co gituma dufise icumba categekanijwe twaronse kubwo ubuntu bw'Imana, co kubarindiramwo. Kiri neza na neza imbere yanje. Aho ni ho abavyeyi bashobora kujana inzoya zabo. Nkumbure ko batazongora mu gihe nzoba ndiko ndavuga Ubutumwa; biranashoboka ko ntazobabona mu gihe Ugusigwa amavuta kuzoba kuri hejuru yanje; ariko hariho abandi bantu baba bicaye i ruhande yabo ivyo bibera intambamyi. Kandi baba baje kwumva Ubutumwa.

Ni co gituma mbariye ba nyina nti: "Abana banyu bato batanguye kuguma barira, ntimwobibuza. Kandi umuvyeyi nyakuri yama ashaka kuzana abana biwe kw'ishengero kandi ico ni ikintu ciza co gukora. Ng'ico igituma dufise icumba kiri aho mushobora kubona mu mpande zose z'inzu; ikoraniro ryose, kandi hakaba harimwo imikoro mushobora gufungura ku rugero rukenewe. Hariho ahari utuzu

twa surwumwe, aho gukarabira n'ibindi vyose bikenewe. Hariho intebe zo kwicarako be n'ahantu ho guhindurira impuzu inzoya zanyu bibaye ngombwa. Vyose vyarategekanijwe.

23 Kandi kenshi na kenshi imiyabaga, mbere rimwe na rimwe n'abakuze, barashobora kujayo. Murazi, abakiri bato bakunda guhana udukete no kwisamaza gato. Ariko mweho, murakuze bikwiye ku buryo muzi uko mwoguma muri mu gacerere. Ni mwaba mugomba kuba abashingantahe bashitse kandi mukaba mugomba kurera umuryango wanyu kubw'Ubwami bw'Imana, nimuce mutangura rero ubu nyene gukora neza no kwigenza neza.

Mw'ishengero hariho abadiyakoni bajejwe umutekano. Biramutse bishitse hakabaho umuntu yigenjeje nabi, barahawe uburenganzira bwo kubarira uwo muntu ngo agume atekanye.

24 Maze abo bantu batavyubahirije vyoba vyiza bahaye ibibanza vyabo abandi kuko hariho abandi bipfuza kwumva. Uwuza ngaha aba aje azanywe no kwumva kandi igituma turi ngaha ni ukugira ngo twumve Ijambo ry'Umwami. Maze rero umwe umwe wese aba yipfuza kwumva kandi agashaka kuryumvana agacerere gashoboka, ni ukuvuga ata rwamo canke ibitsitaza.

Mu bisanzwe tuba twiteze ko umuntu atangura gusenga Umwami, tuba tuvyiteze! Ni vyo, ni co gituma muri hano, ni ukugira ngo musenge Umwami. Ego, ni mwaba mwumva ko mutegerezwa gusenga Imana canke gutera akaririmbo, nimubikore kuko ari co mubereye aha, kugira ngo musenge Umwami uko muvyumva; ariko iyo muvugavugana canke mugahanahana udukete, muba muriko muratuma abandi baja kure y'ugusenga Umwami.

25 Turumva neza ko ivyo bitaba ari vyiza! Kandi twoshima ko kw'ikoraniro ryacu iki kiba ibwirizwa ngenderwako, yuko iyi nzu, uru rusengero rwegurirwa Ubwami bw'Imana no kuvugirwamwo Ijambo : Nimusenge! Nimuhimbaze! Igituma mwategerezwa kuza aha, ni ukugira muhasengere.

Ikindi kintu ni iki: Mu rusengero abantu baba bamenyereye... ariko sinibaza ko ari ko bimeze ngaha. Kenshi ngenda kitararangira kuko nsigwa nkerekwa maze

ngaca nduha; ngaca nja mu cumba kiri aha i ruhande maze Billy canke uwundi agategerezwa kuntahana kugira ngo nduhukire i muhira akanya gato kugeza ubwo buruhe bumvuyeko kuko binduhisha cane.

Ariko yamara narabonye mu mashengero amwe amwe ko abana bari bemerewe kwirukanga hirya no hino mu rusengero kandi ko abakuze bahamagarana bari hirya no hino. Ng'ubwo uburyo bwiza bwo kwonona ibikorane vya none canke ibizoza, murabona!

26 Igikorane kikirangira, muce musohoka; ico gihe amasengesho aba arangiye. Musohoke, muvuge kandi mukore ico mugomba. Namba hari uwo mugomba kuraba canke ngo muvugane, nimusohokane canke umusange i we ariko ivyo ntimubikorere mu rusengero. Aha hantu reka tuhegurire Imana; ni ahantu hayo ho

kubonanira na Yo, aho tubonanira na Yo, kandi nta nkeka Ivyagezwe biva ahera. Nizera ko ivyo ari vyo bihimbara Data wo mw'Ijuru.

27 Gurtyo rero, iyo muje maze mukabona ko izo mpano ziriko ziraseruka hagati yanyu... Nk'uko bimenyerewe (ndizigiye ko ivyo tutazokwigera tubibona ngaha) iyo abantu bafise urusengero rushasha baca batangura kwibona; ivyo ntimukwiye kwigera mubikora kuko ngaha ari ahantu ho gusengera, ni ingoro y'Umwami. Kandi ingabire za Mpwemu zitanguye guseruka hagati muri mwebwe....

Narumvise bavuga ko kuva nkigenda, abantu bo mu mihingo itandukanye y'iki gihugu baciye baza kuba aha. Ivyo ndabikengurukira Imana kuko ndibaza ko muri ca gitondo c'aho nahasengera kandi nkahashira ibuye ry'umushinge (ico gihe nari nkiri umusore), narasenze nsaba ngo ruze rurambe kugeza Umwami Yesu Kristo aje. Kandi muri ico gihe, nari mfise ideni ry'ibihumbi vy'amadolare, kandi amashikanwa yo mw'ikoraniro ringana nk'iryo yashobora gushika ku makuta mirongo itatu canke mirongo ine gusa. Yamara ku kwezi ku kwezi twaba duheranye ayangana no guhera ku madorari ijana na mirongo itanu ugashitsa ku madolare amajana abiri.

Mbega nari kwigera ndayashikira gute? Ariko narakora kandi nari nzi ko nzoriha. Igikorwa c'ibango ry'ubwungere nagikoze imyaka cumi n'indwi ntakuramwo n'urufaranga rumwe, ariko natanga ayo nari mfise yose kiretse ayo naba nkeneye cane, kandi ayo yose yashirwa mu gasandugu k'amashikanwa kari inyuma kagenewe ivy'Ubwami bw'Imana. Abantu baravugishijwe kandi barabura yuko muri uwo mwaka nyene urwo rusengero rwobaye rwahindutsemwo inzu yo gukoreramwo imodoka!

28 Igihe kimwe Satani yarageragejе gutwara vyose abicishije mu nzira y'imburano. Umuntu umwe yitwaje ubugunge yarasavye indishi y'akababaro yigira ngo yarakomeretse ku kuguru ariko arakora, ariko ubwa mbere nta na kimwe yari yarabivuzeko; hanyuma aca aja kutwitwarira, ashaka kunyaga Ihema. Nagumye nshikamye amayinga atari make mu gikorwa nahawe kandi n'aho habaye ukwo kutumvikana neza n'ivyabuwe hamwe n'ivyavuzwe vyose, n'uno musi riracameze nk'aho ari imwe mu mazu meza arusha ayandi ubwiza na rumwe mu nsengero zirusha ubwiza izindi zo muri Leta zunze ubumwe za Amerika. Ukwo ni ukuri.

29 Uhereye aha, Ijambo ry'Imana Nzima ryaragiye kugeza no ku mpera y'isi. Ryarazungurutse isi yose rigendera ihanga ryose riri musi y'Ijuru (aho dushitsa kubimenya), hirya no hino kw'isi. Twame dukenguruka kubw'ivyo. Kandi ubu ko dufise ahantu dushobora kuba turi, turi ahantu hasakaye, urusengero rwiza rusukuye rwo gukoraniramwo, natwe reka twishikanire gushasha igikorwa n'ukwiyegurira ubwacu Kristo.

30 Mwene Data Neville, mwene Data muhire, umwungere nyakuri, umushumba w'Imana Nzima, arifatanya n'ubu butumwa n'inkomezi ziwe zose nk'uko ukumenya kwiwe kungana. Ni umugabo abushitse; ameze neza cane ku buryo atokwigera afata

ingingo ngo avugire hejuru akaze maze ngo avuge nk'akarorero ati: "Icara!" canke ati: "Guma hamwe!" Ivyo narabibonye kandi narumvirije amakasete ahejeje kwigisha.

Ariko jeho ndashobora kubikora. None rero ndabasavye ngo muze mwibuke ko aya ari amajambo yanje kandi ivyo vyose bikaba biriko birafatwa amajwi. Ndasavye ngo umwe wese mu badiyakoni agume ku gikorwa ciwe kandi akore ico yategerezwa gukora; kandi na mwebwe mwa badiyakoni mwe, mwibuke ko mwatowe n'Imana kugira ngo mukore ico gikorwa cejejwe; ni na ko bimeze no kuri mwebwe mujejwe inyubako n'ivyo ishengero ritunze.

31 Kuvuga ivyo bintu si igikorwa c'umwungere, ni ic'abadiyakoni kuko abo ni abapolisi b'ishengero. Nk'akarorero, abakiri bato baje bava hanze maze bagatangura kuvuza amasone y'imodoka (murazi ukuntu bakunze kubigira) canke bagakora ikintu nk'ico mu bikorane; canke iyo umuvyeyi arungitse umukobwa wiwe hano maze uwo mukobwa agaca yirukanga mw'ivwatiri ari kumwe n'igishushungwe, kandi nyina yibaza ko aba ari mu rusengero, umudiyakoni ni we akwiye kubikurikirana maze akavuga ati: "Nimuhitemwo kwinjira mwicare canke jewe nyene ndabasubize i muhira kwa ba nyoko mw'ivwatiri yanyu." Uko ni ko mutegerezwa gukora.

32 Nimwibuke ko urukundo rwama ruhubura. Urukundo nyakuri rurahubura. Gurtyo rero, mutegerezwa kwihanganira gutozwa indero nziza. Abavyeyi ubu barazi ko hariho ikibanza cagenewe abana bato bato. Namwe mwabana mwe murazi ko mudategerezwa kwongera kwirukanga mu nyubakwa. Mwebwe mukuze murazi ko mudategerezwa kuganira canke ngo mukomeze kuguma muyagira mw'ikoraniro. Ntimukabikore : ni bibi. Ivyo ntibihimbara Imana.

Yesu yaravuze ati: "... Mbega ntivyanditswe, ngw'Ingoro yanje izokwitwa inzu yo gusengeramwo n'amahanga yose." Kandi bariko bararudandarizamwo bongera baruguriramwo! Amaze gukora inkoni itsivye mu migozi, yaciye abirukana mu Rusengero. Ntitugomba na gatoya ko ivyo bishika mu rusengero rwacu. Gurtyo rero dushikanire Ubwami bw'Imana ubugingo bwacu, ishengero ryacu, ivyo tubwirizwa gukora, ivyo dukora bo n'ivyo dufise vyose.

33 Ubu ngira nsome agace gato ko mu Vyanditswe imbere yuko mvuga isengesho ryo gushikanira Imana urusengero. Murazi ko ari ukwongera kurushikanira Imana gusa kuko haheze imyaka mirongo itatu ukurushikanira Imana nyakuri kubaye. Gurtyo rero, dusomye Ivyanditswe tugatako tukabivugako mu minota mike, ndizigira ko Imana ija kuduhezagira.

Kandi ubu, ego, hariho ikindi kintu nipfuza kumenyesha. Twari tumenyereye gufatira ubutumwa ku makaseti none ubu turafise inzu yabigenewe. Aho harimwo ivyuma bifata amajwi biyakura neza na neza ku mikoro nkuru.

34 Kandi hariho n'ivyumba, amakanzu n'ibikenewe vyose kubabatizwa. Hariho

n'ikindi kintu : bamwe bamwe (abatazi vyukuri Ivyanditswe) barantatiye kubera umusaraba uri mu rusengero. Ndibuka ivyigeze gushika igihe kimwe ku bijanye n'ivyo; nari mfise imisaraba itatu maze mwene Data umwe aratsitara kuko yari yarumvise idini imwe ivuga ko umusaraba ari ikimenyetso c'Abakatolika. Ntihaze hagire uwiga Bibiliya canke umukristo yavutse ubwa kabiri avuga yuko abakatolika ari bo biharije umusaraba. Umusaraba ntiwerekana na mba ivya Katolika. Twebwe twizera ko hariho Umuhuza umwe gusa w'Imana n'abantu kandi uwo na we akaba ari Kristo; ariko Abakatolika bobo bizera ubwoko bwose bw'abahuza, abagabo ibihumbi n'ibihumbi, abagore ibihumbi n'ibihumbi, n'ibindi bintu. Umukatolika mwiza wese apfuye aca aba umuvugizi. Ariko Umusaraba wa Kristo werekana Yesu Kristo.

35 Mbega murazi ko, dukurikiye inkuru zidondagura ivyabaye mw'Ishengero rya mbere, abakristo ba mbere batwara imisaraba ku migongo yabo aho baba bagiye hose kugira ngo berekane kandi bashinge intahe ko ari abakristo? Abakatolika bibaza ko ari bo babikora. Birumvikana neza ko biyita ko ari bo babaye aba mbere, ariko ishengero rya Katolika no kubaho ntiryari bwanabeho igihe abakristo bagendana imisaraba.

Mwarumvise ko abantu bita abakristo ngo ni: “Abikorezi b'imisaraba.” Mbega ivyo vyisunga Abakatolika? Oya! Ni abakatolika b'ukuri, Ishengero ryo mw'Isi Yose rya Mpwemu Yera. Turi abakatolika, abakatolika ba mbere; abakatolika bizera Bibiliya, abandi ni idini rya Katolika. Twebwe, ivyo twarabibohoweko. Twebwe nitwe tubandanya inyigisho y'intumwa. Ni twebwe umubatizo wa Mpwemu Yera bo n'ibindi bintu ishengero rya mbere ryari rifise bibandanirizamwo; ariko ishengero rya Katolika nta kintu na kimwe muri ivyo rifise.

36 Gurtyo rero, hano bahamanitse umusaraba bari bazanye. Wabajwe mu giti co mu myelayo Yesu yari yasengeyemwo; uwo musaraba nawuhawe na mwene Data Arganbright kandi ngomba ndawushikanire Imana hamwe n'uru rusengero... washizwe ahantu nyaho, ahantu hatowe n'uwawumanitse (sinzi uwo ari we) aha, mu bubamfu bwanje. “Yagiriye imbabazi wa mwambuzi yari i buryo bwiwe”: ni jewe. Hari ikindi kintu werekana: nk'uko nyene umutwe wiwe wari ujondamye, bikerekana umubabaro wiwe, ni na kwo araba hasi ku gicaniro kandi aho ni ho abarindiririye, mwebwe mwese abanyavyaha. Inyonga ziwe zizoguma kuri mwebwe! Haciye igihe, bazoshiraho itara kugira ngo mu gihe co guhamagarira abantu imbere ku gicaniro umuco uzoce wakira ku bazoba bahari.

37 Mwovuga muti: “Ni kubera iki mukeneye ivyo? Ntimwategerezwa kugira igishushanyo!‟ Ni vyiza cane ariko ya Mana nyene yavuze iti: ”Ntukibazire igishushanyo‟ ni nayo yavuze iti: « Uze ukore abakerubi babiri mw'izahabu... ayo mababa yabo ngo akingire uwo mutemere wo guhongerako, intebe y'imbabazi iyo abantu bahagarara imbere mu gusenga. » Murabona, ni ikintu badashobora

gutahura! Murabona ko vyahumetswe kandi ko umusaraba waciye umanikwa ubwo nyene mu kibanza cawo nyaco kandi ndashima cane ko ari jewe ndi i buryo bwiwe! Ndizera ko yampariye, kuko ku vyerekeye ko noba narivye ikintu bimwe vyitwa kwiba, ndashobora kwemeza ko ntarigera ndabikora mu buzima bwanje, aho ngeza kubimenya, ariko narononye rwose umwanya wayo ku buryo uko ari kwo kwose nayivye. Nakoze ibintu vyinshi ntari nkwiye gukora, ariko ndakengurukira Imana muri kino gitondo ko yampariye ivyaha vyanje.

38 Ubu nshaka gusoma mu 1 Ingoma 17 kandi nongere mvuge nk'iminota itanu kubwo igikorwa co gushikanira Imana urusengero; hanyuma duca dusenga maze twinjire mu butumwa.

« Nuko Dawidi amaze kwinjira ingoro yiwe, abarira uvugishwa n'Imana Natani, at'Ehe jewe mba mu nzu yubakishijwe amasederi, na yo isandugu y'Isezerano ry'Uhoraho iba mw'Ihema gusa. Natani yishura Dawidi, ati Kora nk'uko wumva kwose, kukw'Imana iri kumwe nawe. Ariko iryo joro nyene Ijambo ry'Imana riza kuri Natani, riti Genda ubwire umusavyi wanje Dawidi, ut'uku ni k'Uhoraho agize, uti Nta nzu uzomwubakira yo kubamwo. Ut'Erega ntiyigeze kuba mu nzu uhereye igihe yaduganiye Abisirayeli gushitsa n'ubu, uti Yaba mw'ihema akimukira mu rindi, yimuka mu rusago akaja mu rundi. Uti Mbeg'ahantu hose yagiye agendana n'Abisirayeli bose, uti Har'aho yigeze kubarira umucamanza w'Abisirayeli uw'ari we wese, uwo yashizeho kuragira abantu biwe, akamubaza ati N'iki cababujije kumwubakira inzu y'amasederi? Nuko rero, ukw'abe ari k'ubarira umusavyi wanje Dawidi, ut'Uhoraho nyen'ingabo, uku ni kw'agize, uti yagukuye mu bgungere, inyuma y'intama, ng'ube sagaba w'abantu biwe b'Abisirayeli; uti Kandi yagendana nawe aho waja hose, ut'Arandura abansi bawe bose imbere yawe; uti Kand'azoguha izina, nk'ukw'abandi bahambaye bo mw'isi bayafise.»

39 Ngomba ndababarire ko aho Dawidi yabonye nk'ivyo natwe twabonye. Dawidi yaravuga ati: « Ntibibereye ko mwoba mwaranyubakiye inzu y'amasederi hanyuma ngw'Isandugu y'Isezerano ry'Uhoraho rigume mw'ihema ». (ikozwe n'insato z'intama n'iz'ibindi bikoko zibariranywe). Yaravuga ati: « Kuba mfise inzu nziza kandi Isandugu y'Imana yanje iba mw'ihema, ntibibereye! »

Gurtyo, Imana yaciye imushira ku mutima kwubaka urusengero. Ariko Dawidi, naho yari umuntu yuzuye urukundo kandi yiyeguriye Imana, naho biri uko yari yarasheshe amaraso menshi. Dawidi yari yavugiye imbere y'uwavugishwa n'Imana w'ico gihe ari we Natani. Natani, kuko yari azi kw'Imana ikunda Dawidi, yaciye amwishura ati: « Kora nk'uko wumva ugomba kwose, kukw'Imana iri kumwe nawe ». Mbega ikintu yari avuze! Ngo: « Kora nk'uko wumva ugomba kwose, kukw'Imana iri kumwe nawe ».

40 Maze muri iryo joro nyene, Imana ibonye ukuntu Dawidi yari yariyeguriye

urukundo rw'Imana kandi ikaba yari izi ko Natani atari mu kuri kuko ata burenganzira yari afise bwo kubikora, mu buntu bwayo, yaciye imanuka ica ivugana na Natani. Namye nkunda aya majambo, ngo: « Genda ubwire umusavyi wanje Dawidi, uti: Yagukuye mu bgungere inyuma y'intama ». Nta co yari co!

Ibi nagomba kuvyishirako nanje, nti: « Nagutoye ata co wari co maze nca ndaguha izina; none wahawe izina risa n'iry'abahambaye bo muri ino si ». Kugira ngo ndabisigure ngira ndabibire akabanga ku buryo muza gukuramwo inyigisho. Nariko nibuka hambere hahise igihe ata n'umwe muri iki gisagara yanyitwararika; nta n'umuntu n'umwe yankunda; narakunda abantu ariko nta n'umwe yankunda bitewe n'ivyo bari bazi ku bantu b'i wacu. Ibi ndabivuze ata kazikira na gatoya mfitiye abavyeyi banje nkunda. Mbega ukuntu noshimye ko mama yoba akiriho kugira ngo muri kino gitondo yinjire muri runo rusengero! Benshi mu nararibonye bari hano, batanze amafaranga yabo kugira ngo na bo babe mu barwubatse, kumbure ko Imana ibemerera muri kino gitondo kurunguruka amajuru barenganije amaso inkingi zarwo.

41 Umuryango wa Branham wo, ntiwavugwa neza mu gihugu kubera inzoga. Nta muntu n'umwe yanyitaho. Ndibuka ko nigeze kubarira umugore wanje, nta gihe kirekire kihaciye, nti: « Uribuka yuko ata muntu n'umwe nabona aha yashaka kumvugisha. Nta muntu n'umwe yanyitaho; ariko ubu ho ntegerezwa kwihisha kugira ngo nshobore kuruhuka na gatoya. »

None ubu Umwami yaduhaye iyi nyubakwa nziza be n'ibi bintu vyiza cane yakoze. Yarampaye izina nk'iry'abantu b'icubahiro mu gishingo c'izina rivugwa nabi, maze ica ikuraho abansi banje aho nagenda nja hose. Nta n'umwe yigeze kumpagarara imbere, mbega ukuntu ndabikenguruka cane!

42 None nari gushobora kumenya gute kandi nari akanyeshure gato kambaye

imishire ko kw'ishure ryo mu gisagara citwa Ingramville aho nama ndi ak'amenyo kw'ishure ryose, nari nkenye cane, maze nkagenda ndinyereza ku kiziba c'amazi),

nari gushobora kumenya gute ko musi y'ico kiziba hari urubuto rw'ishurwe ry'ikirungu ryashuritse muri ubwo buryo? Kandi nari gushobora kumenya gute ko yampaye izina ryokwubashwe mu bantu bayo, mu gihe ata muntu n'umwe yari bwamvugishe?

43 Dawidi rero ntiyemerewe kwubaka urusengero. Ntiyabishoboye. Ariko Imana yaravuze iti: « Nzoguhagurukiriza uruvyaro ruzokwubaka urusengero, kandi urwo rusengero ruzoba urusengero ruhoraho kandi umuhungu wawe, Umwana wa Dawidi azogira ububasha ku Bwami buhoraho ». Salomo, umwana wa Dawidi mu buryo bw'umubiri, yubakiye urusengero Umwami akoresheje inkomezi ziwe z'umubiri. Ariko igihe uruvyaro nyakuri rwa Dawidi, Umwana wa Dawidi yaza, yababwiye ko umusi uzoshika aho ata buye rizosigara rigeretswe ku rindi kuri urwo rusengero; yariko aragerageza kubakebura abamenyesha ivy'urundi rusengero.

44 Mu Vyahishuriwe Yohana, Yohana yarabonye iryo hema (Igice ca 21).

Yabonye ihema rishasha ryururuka riva mw'Ijuru, risharije nk'umugeni yisharije kubwo umukwe wiwe kandi ijwi rivuye mw'ihema rivuga riti: « Eh'ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu, kandi izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kand'Imana ubwayo Izobana nabo, izoba Imana yabo. Izobahanagura amosozi yose ku maso yabo, kand'urupfu ntiruzoba rukiriho, kand'amaborogo no gutaka n'uburibwe ntibizoba bikiriho: kukw'ivya mbere bishize ».

Ubwo rero Umwana nyakuri wa Dawidi (nk'uko tuzobibona mu butumwa bw'ino yinga) azoza mu rusengero rwiwe, Ihema ry'Imana, Ihema ry'ukuri yagiye kwubaka ubu. Kuko muri Yohana 14 havuga ngo : « I muhira kwa Data har'amazu menshi,... kuko ngiye kubategurira ahanyu ». Mu kuvuga gurtyo yagomba kuvuga iki? Ivyo vyari vyarateguwe kuva imbere y'igihe; ngo: « ...Kandi ko ngiye kubategurira ahanyu, nzogaruka kubajana i wanje ». Mu bisanzwe turazi ko ivyo bizoshika mu gihe c'ubwiza kigiye kuza. Uruvyaro rw'ukuri rwa Dawidi, ari rwo Yesu Kristo, azovyagira ku ntebe y'Ubwami maze ari kuri yo azoganza Ishengero ari ryo Mugeni wiwe azoba ari kumwe na We mu nzu, kandi azoganza na ya miryango cumi n'ibiri ya Isirayeli ibihe bitazoshira.

45 Ku vy'uru rusengero ruto... Dawidi ntiyari gushobora kwubaka urusengero nyakuri rw'Imana kuko ntiyari yarateguriwe kurwubaka; nta na kimwe yari gushobora gukora, kuko yari umuntu apfa yasheshe amaraso.

Uko ni ko biri no kuri twebwe uno musi; ntidushobora kwubaka Urusengero nyakuri rw'Imana. Umwe gusa ni We ashoboye kubikora, kandi ubu ariko ararwubaka. Ariko aka gasengero, co kimwe n'urusengero Salomo yayubakiye, co kimwe n'izindi zose, ni ahantu ho gusengera hadahoraho, zifise akamaro kugeza aho Urusengero rw'ukuri ruzoshingirwa kw'isi; aho rero ni ho ukugororoka kuzoca kuganza kw'isi yose, kandi nta mibabaro izoba ikibaho. Nta bisabisho vy'abapfuye bizoba bicigishwa muri urwo rusengero, nta vy'imisi mikuru yo guhezagira ubugeni izoba ikibaho, ariko hazobaho Ubukwe bumwe bwonyene buhambaye buhoraho.

46 Mbega ukuntu uzoba ari umusi w'ubwiza!

Mu kurindira ukuza kw'iryo Hema rindi uhereye ubu nyene dufate ingingo mu mitima yacu yo gushirwako koko ikimenyetso ca Mpwemu wayo dusengere aha hantu nk'uko twoba tumaze gushitsa muri iryo hema rigiye kuza.

Ubu rero duhaguruke mu gihe ndiko nsoma Ivyanditswe vyera. Ivyahishuriwe Yohana 21 : 1-3

« Mbona ijuru risha n'isi nsha : kukw'Ijuru rya mbere n'isi ya mbere vyari vyagiye, n'ikiyaga nticari kikiriho. Mbona umurwa wera, Yerusalemu musha wururuka uva mw'ijuru ku Mana, witeguwe nk'uk'Umugeni asharizwa umugabo wiwe. Numva ijwi rirenga, rivuye kuri ya ntebe, rit'Eh'ihema ry'Imana riri kumwe n'abantu, kandi izogerera muri bo, na bo bazoba abantu bayo, kand'Imana ubgayo

izobana na bo, izoba Imana yabo. »

47 Ubu rero twunamike imitwe yacu. Data wa twese wo mw'ijuru, duhagaze dutinya, twubaha, mu gutinya kwera none turagusavye, Mwami, ngo wemere ingabire waduhaye: kubwo ubuntu no mu kuduha amafaranga akwiye yo kwubaka aho kugusengera. Nta kintu na kimwe, nta hantu na hamwe twoshobora gutegura kuri ino si hoba habereye kuba inzu ya Mpwemu w'Imana, ariko tugushikirije iyi nk'ikimenyetso c'urukundo n'ivyiyumviro tugufiseko, Mwami, kandi turagushimiye ivyo wadukoreye vyose.

Haciye igihe kirekire inyubako n'ikibanza irimwo vyaragushikirijwe kubwo igikorwa; none turagushimiye kubwo kwibuka ivyabaye. Mwami Mana, vyose bihuje n'ivyo watweretse hashize imyaka itari mike: muri ukwo kwerekwa nabonye inzu ishaje isanurwa igasubira kuba nshasha; hanyuma y'ivyo waciye undungika hakurya y'uruzi.

48 Gurtyo rero, Mwami Mana, Muremyi w'Ijuru n'isi, turi abantu bo mu ruhongore rwawe, abantu bo mu Bwami bwawe, kandi na jewe nyene twe n'umwungere, ishengero n'abantu, iyi nzu tuyishikaniye igikorwa c'Imana Ishobora vyose, mw'Izina rya Yesu Kristo Umwana wayo, kubwo igikorwa c'Imana no mu guhesha icubahiro Imana yacu. Kandi Ubutumwa bwiza bushobore gukwiragira uhereye aha hantu ku buryo buzokwega abantu bo mu mfuruka zine z'isi kugira ngo babone ubwiza bw'Imana bwiyerekanira aha hantu. Kandi ivyo wakoze mu gihe gishize bize bigwizwe mu gihe kiri imbere.

49 Data, ubu rero turakwishikaniye ubwacu n'ibiri muri twebwe vyose kubwo igikorwa c'Ijambo. Mwami, ikoraniro n'abantu na bo nyene barishikanye ubwabo muri kino gitondo kugira ngo bumve Ijambo; kandi na twebwe, abavugabutumwa, turishikanye ku bwo kuvuga Ijambo, kugira ngo duhore tugavye mu gihe gikwiye n'ikidakwiye, duhana, duhanura, dufise ukwihangana kwinshi nk'uko ivyo vyanditswe kandi bigashirwa aha mw'ibuye ry'imfuruka, haraheze imyaka mirongo itatu. Wewe nyene warivugiye ko igihe kizoza c'aho abantu batazoba bakigomba kwumva ukwigisha kuzima, ariko kuko amatwi abarya yifuza kwumva ibibanezereza, bazokwirundaniriza abigisha bahuje n'ukwifuza kwabo, bazokwiziba amatwi, ngo ntibumve ukuri, bazozimira bakurikire imigani y' ibinyoma.

50 Mwami, twarageragejе gushikiriza Ijambo abantu; Mwami, duhumekeremwo kandi udukomeze kugira ngo twongereze ishaka ibihetangabo kabiri; umugabane wa Mpwemu wawe ukwiragire aha hantu incuro zibiri nk'uko vyabaye kuri wa musi wo gushikanira urusengero Imana, igihe Salomo yariko arasenga maze Mpwemu Yera, mw'ishusho y'inkingi y'umuriro n'iy'igicu, agaca yinjira aciye mu muryango mukuru azunguruka impande y'abakerubi aca aja Ahera cane kugira ngo agume mu kibanza co kuruhukiramwo.

Ewe Mana yanje, Salomo yavuga ati : « Abantu bawe ni baba bari mu ngorane

bari ahantu kanaka, nibagusenga batumbereje amaso kuri ino nzu Yera, uce ubishura uri hejuru y'amajuru! » Mwami, muri kino gitondo Mpwemu Yera yinjire mu mutima w'umwe umwe wese, mu bugingo ubwo ari bwo bwose bwishikanye buri hano; kandi Bibiliya ivuga ko ubwiza bw'Uhoraho bwari bwinshi cane ku buryo n'abaherezi batashoboye namba kwinjira ngo bakore igikorwa.

51 Ewe Mwami Mana! Ivyo nivyongere bisubire kuba rindi rimwe mu gihe twebwe nyene turiko turakwishikanira twe n'iri shengero, twishikana kubwo igikorwa cawe. Haranditswe ngo: « Ni musabe muzohabwa » kandi muri kino gitondo turiyemeje imbere yawe kugukorera mu gihe tugushikaniye uru rusengero, kugira ngo muri kino gihe c'Umuco wo ku kagoroba mu gihe ca nyuma dushobore kuzanira indemeshanyo n'ukwizera abantu barindiriye ko Umukwe aza gutegura Umugeni ahuje n'Ubutumwa bwiza bwa Kristo, kugira ngo Umwami Yesu ashobore kumwakira. Ng'aba abo dushikanye : Jewe ubwanje, mwene Data Neville n'iri koraniro kubwo igikorwa c'Imana mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen! Murashobora kuvyagira!

52 Dawidi yavuga ati: « Naranezerewe hamwe bambwira bati tugende tuje mu Ngoro y'Uhoraho ». Natwe nivyame bitubera gurtyo; tunezerererwe kuba mu Ngoro y'Uhoraho. Amen!

53 Inyuma y'iki gikorwa co gushikanira Imana urusengero camaze umwanya muto, ndacasigaranye isaha. Ubu rero nimwibuke ko twerejwe Imana: ukwubaha, ukwera, ugutekana imbere y'Umwami; musenge Umwami kandi mumwubahe uko bishoboka mu Ngoro yiwe. Kandi mu gihe igikorane kizoba kirangiye, muce musohoka ubwo nyene kugira ngo muhe umwanya umunyezamu, kugira ngo arugirire isuku kandi arutegure kubwo igikorane gikurikira. Gurtyo, nta rwangara ruzoba mu Ngoro y'Umwami.

54 Ndibaza ko inzu yategerezwa kuba atawukiyirimwo mu minota cumi n'itanu ikurikira igikorane. Ntimubure kuba abantu bakundana, baramutsa bose; muheze mutumire umwe umwe azogaruke! Mw'iyinga riza twiteze ibikorane biri mu bihambaye vyigeze kubera muri rino hema; turabinezererewe!

55 Mw'ijoro ryakeye niho natanguye kubona ikintu gishasha rwose, mu gihe nari ndiko ndasenga bugira buce. Kandi rero ndizera ko tuzogira ibihe vyiza cane Umwami niyadufasha. Ariko muri kino gitondo ndongera ndabivugeko.
Murazi ko ico abantu bita « igihambaye » rimwe na rimwe ntikiba gihambaye na mba; ariko ico Imana yita ko « gihambaye », abantu bo, bacita « ubupfu »; kandi Imana na Yo ico yita « ubupfu », abantu bacita « igihambaye ». Ivyo nituvyibuke. Dusuzume Ijambo iryo ari ryo ryose.

56 Ibikorane ni birebire kandi bizoteba kuko ivyo tuzoba twiga bigoye : harimwo ivyo kwigisha vyinshi n'ukwitanga kwinshi. Aho mba abantu baho barakundana cane kandi barampa ibintu vy'uburyo bwose vyo gufungura, bambarira bati :

« Mwene Data Branham, wonze cane!... » Ariko ni kuko nama ndi ku gikorwa umwanya wose. Nzova aha ku w'iyinga ku mugoroba kugira ngo nce mbandanya ubwo nyene nja muri Mexique; biraruhisha ariko ngerageza kutarya cane maze ngakora ukwo nshoboye kugira ngo mbe niteguye.

Muri kino gitondo ndanezerejwe no kubona mwene Data Junior Jackson, mwene Data Ruddle n'abandi bungere bankikuje; Imana ibahezagire mwese.

57 Muri kino gitondo ngomba ndababarire ku cigwa nanditseko ibintu bimwe bimwe. Nipfuza kubanza gusoma muri Yesaya 53. Mukiriko muraharondera, ngomba ndabamenyeshe ikintu kimwe canke bibiri. Kuri uno mugoroba ndaja kuvuga kuri kino Gitabo kugira ngo mpuze igihe ca nyuma c'Ishengero n'iyugururwa ry'Ibimatanije ca Gitabo. Hariho umwanya munini hagati y'ivyo bintu bibiri.

Maze kurangiza ivy'Ibihe vy'Ishengero naciye ngirako mvuga kuri ya « Mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli » kuko ivyo hari aho bihurira. Naribajije nti : « Ubu ndamutse mvuga kuri bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, vyari bikwiye ko nobanza kuvuga kuri ayo Mayinga mirongo irindwi ya Daniyeli kugira ngo nshobore kuyahuza na bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo, hari hasigaye ikintu kimwe tutashitseko. Cari igice ca 5 ca ca Gitabo kimatanishijwe udushashara ndwi tudomwemwo ikimenyetso kandi aho ni ho tuja gutangurira ku mugoroba.

58 Ku mugoroba, turaja kugerageza gutangura hakiri kare. Mbega mwese murashobora kuba muri aha nk'igihe c'isaha imwe? Ni vyiza cane! Rero ibikorane tuzohora tubitanguza indirimbo isaha cumi na zibiri n'igice kandi nzoba ndahari nko mu gihe c'isaha imwe. Gurtyo rero, indwi yose tuzohora dutangura hakiri kare. Nta muntu n'umwe akunda kuririmba nk'abakristo; turakunda kuririmba, ico turagikunda; ariko ubu twinjiye mu kindi kintu. Turi mw'Ijambo, murabona; none rero tugumane na Ryo.

59 Ndabashikiriza inyigisho maze muraheza mushobore kumenya ukuntu bintera ubwoba bwinshi; kuko ndamutse nigishije ikintu ico ari co cose c'ikinyoma, nzokibazwa. Ni co gituma ntashobora gupfa gusubiramwo ivyo abantu bose bavuga; bitegerezwa kuba bihumetswe na Mpwemu. Ndizera ko ba bamarayika indwi bafise ya mituragaro indwi bazobitanga.

60 Turasoma Yesaya 53 : 1-2. Nifuza kubaza ikibazo ataho gihuriye na bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo; ubu ni ubutumwa gusa, kuko nari nzi ko nategerezwa gukora igikorwa co gushikanira Imana urusengero kandi ko ata mwanya nari kwongera kuronka wo kuvuga ivyo nashaka kuvuga vyose ku vyo kuzingururwa kwa ca Gitabo. Ndaja kubikora ku mugoroba.

61 Ubu rero iki ni igikorane gito gusa ariko gifitaniye isano n'icigwa cacu gihambaye, ni co gituma mwokwumviriza neza akajambo kose. Nimurigumye. Kandi nimwabifata ku makasete ntimuhindure ivyo ayo makasete

azokwigisha! Ntimuze muvuge ibirenze ivyo ayo makasete avuga! Muvuge ico ayo makasete avuga gusa, kuko bimwe bimwe muri ivyo bintu... Turaja rero gutahura ibintu vyinshi ku vyerekeye ico cigwa n'igituma bagitahuye nabi! Mwame musuzuma ko muvuga ico ayo makasete azoba yavuze gusa! Ntihakagire ikindi muvuga, kuko ivyo ntabivuga ndavyigeneye, ni Yo iba yabivuze! Kenshi na kenshi hariho amadidane. Abantu barahaguruka bakavuga bati : « Kanaka yavuze n go iki gisobanura ibi na biriya! » Nimukireke gusa nk'uko kiri.

62 Ukwo ni kwo dushaka ko Bibiliya imera : nk'uko nyene Bibiliya ibivuga. Ni uko tubishaka : nkuko nyene! Ntimuyizanemwo insobanuro yanyu bwite, yaramaze gusobanurwa.

« Ni nde yemeye inkuru zacu? Kand'Ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde? »

Dusubiremwo tubisome twitonze.

« Ni nde yemeye inkuru zacu ? (Ni ikibazo) Kand'ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde?»

Mu yindi mvugo, namba mwaremeye ivyavuzwe, aho rero ukuboko kw'Uhoraho kwarahishuwe.

« Ni nde yemeye inkuru zacu? Kand'ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde?»

63 Ngomba nsome kandi mu butumwa bwiza bwanditswe na Matayo, Igice ca 11 : 25-26. Nimuvyandike nimwaba mutariko murabifata amajwi. Ni vyiza! Ni Yesu ariko arasenga.

« Muri ico gihe Yesu aravuga, ati Ndaguhimbaza, Data, Mwami w'Ijuru n'si, kukw'ivyo wabihishije abanyabgenge n'abahanga, ukabihishurira inzoya. Ego me,Data, kuko washimye ko biba birtyo imbere yawe ».

64 Nimutahure neza iyi mirongo ibiri: « Ni nde yemeye inkuru zacu? Kandi ukuboko kw'Uhoraho kwahishuriwe nde? » Maze rero Yesu ashimira Imana kuko yahishije ayo mabanga abanyabwenge n'abahanga kandi akayahishurira inzoya, abagomba kwiga, kuko vyahimbaye Imana gukora uko. Muri iyi mirongo, ndakuramwo kino cigwa, ngo : « Imana yihisha mu vyicishije bugufi, kandi Ikihishurira muri ubwo buryo nyene ». Ndasubiramwo kubw'abafata amajwi : «Imana yihisha mu vyicishije bugufi, kandi Ikihishurira muri ubwo buryo nyene ».

65 Biratangaje wiyumviriye ukuntu Imana ikora ikintu nk'ico. Imana izokwihisha mu kintu giciye bugufi cane ku buryo abanyabwenge bazogihusha bakagica ku birometero umuliyoni hanyuma bagume bayerera hirya no hino yaco. Ni ibintu vyiyoroheje nk'uko uburyo bwayo bwo gukora bwiyoroheje, kandi ubwayo ni Yo yongera kwihishura rwose.

Niyumviriye ko ivyo vyoduha icigwa twoshobora kwigako imbere y'uko twinjira mu nyigisho nziza cane ya bimwe ndwi bimatanije ca Gitabo . Benshi

barahusha Umwami bivanye n'uburyo yihishuramwo. Abantu bo barafise ukuntu biyumvira ko Imana yari ikwiye kuba imeze no ku vyo Imana izokora; ariko nk'uko namye ndabivuga, umuntu yama ari umuntu. Umuntu yama ahimbaza Imana ku vyo yakoze; kandi akaba aranezererwa ivyo izokora, ariko ntamenya ico iriko irakora.

66 Ni co gituma babica ku ruhande. Bararaba inyuma bakabona ikintu ciza cane Imana yaranguye; ariko ntibabone uburyo buciye bugufi yabikozemwo. Hanyuma bakaraba imbere bakabona ko haje ikintu ciza cane; bakakirindira yamara iyo ico gishitse bakakibona ibice icenda kw'icumi, kiba ari ikintu ciyoroheje cane ku buryo badashobora kubimenya.

67 Umusi umwe hari hari umugabo umwe muri Utica w'inararibonye muri ya ntambara (ndibaza ko yoba yari ku ruhande rw'abagararije); yari umuntu atizera kandi yavuga yemeza ko ata kintu citwa Imana kibaho. Yaba muri Utica kandi izina ryiwe ryari Jim Dorsay.

Bamwe bamwe bo muri mwebwe kumbure ko boba bari bamuzi. Nkiri umwana muto yama ampa imyungu ku nkengera y'uruzi. Yari umugenzi akomeye wa data. Ariko umusi umwe yaravuze ikintu kimwe mu bidasanzwe yabwiwe atari bwigere abarirwa (muri ico gihe nari nkiri umusore w'umuyabaga). Ariko kuko vyari bitandukanye rwose n'ivyo yizera, yagiye yubitse umutwe arira ingenda. Ivyo vyatumye ntahura ko uwo mugabo yari yahindukiriye Kristo mu buryo butangaje afise nk'imyaka mirongo umunani n'itanu.

68 Umusi umwe yarabajije umukobwa akiri muto yari avuye mw'ishure ryo ku w'iyinga igituma yatakaza umwanya mu bintu nk'ivyo. Nya mukobwa yishuye ko yabiterwa n'uko yizera ko hariho Imana.

Uwo mushingantahe Dorsay aravuga ati : « Mwana wanje, urihenda rwose mu kwizera ibintu nk'ivyo ».

Yaciye avuga ko ako gakobwa, kunamye, kamura agashurwe ko mu murima maze karamubarira gati: « Mushingantahe Dorsay, murashobora kumbarira ukuntu aka kabayeho? » Aca yijijanya imitima maze atangura kwiyumvira... Yari gushobora kubarira uwo mwana ati: « Iryo rimera mw'ivu », ariko ikindi kibazo cari guca kibazwa ngo : « Ivu ryo rivahe? Ako gatete kahaje gute? Ivyo vyashitse gute? N'ibindi, n'ibindi. » Maze ivyo vyiyumviro bica bizunguruka mu mutwe wiwe kugeza n'aho yaciye abona ko ibintu biciye bugufi gusa ari vyo Imana ibonekeramwo ko ari iy'Ukuri ariko atari mu bintu bihambaye bisayangana twama twiyumvirako.

69 Gurtyo vyarahimbaye Imana ko yihishura kandi ikihisha, ko yihisha kandi ikihishurira mu tuntu twiyoroheje. Ivyo birarengeye ubwenge bw'abantu; hamwe mwovuga muti: « Ni kuki Imana igororoka yokora ivyo? » Ni kubera ko umuntu uhereye ubwa mbere na mbere ataremewe kugerageza kwirwanako we nyene. Umuntu yaremwe kugira abeshweho wese n'Imana. Ni co gituma

tugereranywa n'imyagazi y'intama canke n'intama. Intama ntishobora kwirongora ubwayo; itegerezwa kugira umurongozi. Kandi Mpwemu Yera ari aho kugira ngo aturongore. Uko rero ni ko umuntu yaremwe, kandi namba Imana yaragize ibikorwa vyayo ivyiyoroheje, ni ukugira ngo abaciye bugufi bashobore kubitahura. Imana ubwayo yicisha bugufi hamwe n'abaciye bugufi kugira ngo itahurwe n'abaciye bugufi.

70 Mu yindi mvugo ivuga muri Yesaya 35:8, iti: « ... Abayicamwo, naho hobamw'ibijuju, ntibazozimira ». Iroroshe cane! Kuko tuzi ko Imana ari Nkuru cane, twama twiteze ko iba ikintu gikuru, uko niko duhusha ibintu biciye bugufi.

Dutsitara ku biciye bugufi. Ukwo ni kwo duhusha Imana mu gutsitara ku biciye bugufi. Imana iricisha bugufi cane ku buryo abanyabwenge bo mu gihe cacu n'abo mu bihe vyose bayihushije pe; kandi ivyo vyatewe n'uko kubera ubwenge bwabo, bazi ko ata wundi akomeye nka Yo. Ariko iyo yihishuye, ibikora yicishije bugufi cane kugira ngo abo bantu b'abanyabwenge bibace kure birengane maze bagaca bayibura.

71 Ivyo nimubirimbureko. Nimuvyigeko. Kandi namwe bashitsi ni mwasubira mu ma hoteri, muriyumvire kuri ivyo bintu kandi mubirimbureko. Nta mwanya dufise wo kuvyihweza neza nk'uko twategerezwa kubikora, ariko ndifuza ko mubikora nimwashika mu mahoteri yanyu canke i wanyu. Muravyegeranye muheze muvyigeko.

72 Bayihusha bitewe n'uburyo yihishuramwo kuko ni Nkuru cane yamara kandi yihisha mu vyicishije bugufi kugira ngo yimenyekanishe ku bantu bato cane. Ntimukagerageze gushikira igihambaye kuko ivyo ari vyo vyose izogica hejuru irengana; ariko nimwizere uguca bugufi kw'Imana, aho rero muzoca muyisanga mu biciye bugufi. Ubwenge bw'ab'isi bwateye imbere rwose kandi bigishijwe cane, bama bayihusha igihe cose. Ndazi aha ko hariho abigisha babiri canke batatu nzi bicaye harya; kandi sinaje kurwanya ishure n'uburezi no kugerageza gutera intege abadashaka kumenya gusoma no kwandika. Ico si co mbereye ngaha. Ariko ehe uko bimeze : Abantu babishizeko imitima cane, no mu maseminari naho nyene, ku buryo baca bahusha n'ibintu Imana yabashize imbere.

73 Ni co gituma ntarwanya bene Data bari mu madini ariko ndwanya uburyo amadini akora; kuko agerageza kwishira hejuru ubwayo maze akigisha abavugabutumwa bayo ku buryo babaye badafise amashure ngo babe barize bikwiye baca birukanwa. Kandi bategerezwa kubanza gupimwa mu mitwe, n'ibindi. Sinzokwigera nibaza ko gupima umuvugabutumwa mu mutwe ari ukugomba kw'Imana, ariko ahubwo nizera ko atagerezwa gupimwa n'Ijambo : Ni bwo buryo Imana ikoresha mu gusesa umuntu itumye kuvuga Ijambo.

Uno musi turigisha amajambo y'akenge, twigisha za nemera, uburyo bwo

gukora bw'amadini n'ibindi bintu vyinshi, kandi bavuga ko ikibatera gushira Ijambo ku ruhande ari uko ridatahurika. Rirashobora gutahurwa! Yarasezeranye ko ritegerezwa gutahurika. Turabiyisavye ubu.

74 Tugira twige ku bantu bamwe bamwe mu mwanya mutoya. Dusubire mu gihe ca Nowa. Muri ico gihe, Imana yabonye ko ubwenge bw'isi bwari bwubashwe cane ica ibarungikira ubutumwa bwiyoroheje, ibucishije mu muntu aciye bugufi, kugira ibereke Ubwiza bwayo. Turazi ko mu gihe ca Nowa iterambere ryabo ryari rikomeye cane ku buryo tutarigera dushika kuri urwo rugero mw'iterambere ryacu rya none.

Ariko ndibaza ko iterambere ryacu rizoruhira kuhashika kuko Umwami wacu yavuze ati : « Kand'uko vyari biri mu misi ya Nowa ni ko bizoba mu misi y'Umwana w'Umuntu. » Yesu yaciye abitangira uturorero dukeya.

75 Barubatse amapiramide n'ibishushanyo babumba bifise umutwe nk'uw'umuntu n'umutumba nk'uw'igikoko, hariya muri Egiputa, hamwe n'ibindi bintu binini binini kandi bikomeye tudashoboye kwubaka na gatoya muri iki gihe. Bari bafise uburyo bwo gusiga abapfuye ku buryo imibiri y'abapfuye yagumanye ishusho yayo isanzwe gushika na bugingo n'ubu. Uno musi ntidushobora gusiga abapfuye ngo bagume uko bari; ntitugifise ibikenewe vyo kubikora. Bari bafise amarangi aramba cane ku buryo haciye imyaka ibihumbi bine canke bitanu ariko yagumanye rya rangi nyene. Uno musi nta na kimwe gisa n'ico dufise. Kandi turabiye ku tuntu twinshi, iryo terambere ry'ico gihe rirerekana ico rirusha iterambere rya none.

76 Turavye ivyo bimenyetso bikomeye n'ibishingantahe twasigaranye, turashobora kwibaza ukuntu iterambere ryabo ryari ryiza cane kandi kubw'ivyo tukibaza ukuntu ubwo bushakashatsi n'iryo terambere, co kimwe n'ubwo bumenyi vyari mu bintu bikenewe kuri abo bantu. Vyategerezwa kuba uko. Ndibaza ko muri bo hatategerezwa kuba harimwo abatize benshi. Muri iyo misi, mu butunzi nk'ubwo no mw'iterambere nk'iryo, vyabaye ibikomeye ku Mana kuronka umuntu aciye bugufi arondera; yaruhiye kuronka uwutazi gusoma no kwandika, kumbure ko yari umwirimizi, umwungere yitwa Nowa. Ica imuha Ubutumwa bwayo rero kugira ngo abubwire abantu, bwari ubutumwa buciye bugufi cane ku buryo abahanga b'ico gihe n'abantu bose baciye batsitara ku guca bugufi kwabwo.

77 Kandi n'aho vyari uko, ubwo butumwa bwari ikintu kinyuranye rwose n'ubushakashatsi bwabo. Imvura yari gushobora kugwa gute iva mu kirere kandi hejuru ata mazi yari ariyo? Hanyuma ubwo butumwa na bwo buciye bugufi bwo kwubaka ubwato, bwo gukora ikintu co kwugamamwo kandi ata mazi yari ariho bwashobora kurerembako? Gurtyo rero Nowa yategerezwa kwitwa « umuntu akavya »; yaciye aba ico twita uno musi (mumbabarire ku bwo iyi mvugo ngira nkoreshe) « akarimarirenze. »

Abana b'Imana hafi nka bose ni « uturimarirenze » kandi nanje nyene ndanezerejwe no kuba kamwe ko muri two. Murazi, batandukanye n'ivyiyumviro vy'iki gihe vy'iterambere. Aho rero baca baba abantu batangaje, badasanzwe, Imana yamye ivuga ko abantu bayo ari abantu biharije, batangaje, badasanzwe ariko baba ari abaherezi bo mu buryo bw'impwemu, ihanga ry'abami, rishikanira Imana ibimazi vy'uburyo bw'impwemu ari vyo vyamwa vy'iminwa ihesha icubahiro Izina ryayo. Mbega abantu! Imana yarabironkeye.

78 Nimurabe rero ukuntu ico gihe bitegerezwa kuba vyari ibintu vyiza cane kubona uwo bita ko akavya aza mu rusengero kuvugiramwo Ubutumwa bwiza bwari busa n'ubutandukanye cane n'uburyo bwabo bwo kwizera. Abashakashatsi bo! Kuri bo bwari ubusazi gusa kuko bari bashoboye kwemeza bakoresheje ubushakashatsi ko ata mvura iri mu kirere. Ariko uwo mwungere aciye bugufi we yizera ko izogwa kuko Imana yari yarabivuze.

Ubu rero ibi tubihuze n'ibiriko biraba muri kino gihe; iyo hari uwakize indwara barashobora kuvuga bati : « Ni ivyo yishiramwo » canke ngo : « Ndashobora kubamara impari nkoresheje ubushakashatsi nkerekana ko kanseri, canke ikivyimba, canke ico ikintu, ariho kikiri. » Ariko ku wizera aciye bugufi, biba vyagiye kuko ataraba ku kivyimba ariko araba kw'isezerano, nk'uko na Nowa yabigenjeje.

79 None rero ntimubona ko « Uko vyari biri mu misi ya Nowa ari na ko bizoba mu misi y'Umwana w'Umuntu? » Mu buryo bw'ubushakashatsi umuganga yoshobora kuvuga ati : « Raba ikivyimba cawe kiracariho ». Ngo : « Kanseri yawe ni ho ikiri ». «Ukuboko kwawe kuracamugaye nk'uko kwamye. Urasara! » Ariko nimwibuke ko ari ya mpwemu nyene nk'iyo mu gihe ca Nowa aho bavuga bati : « Nta mvura na nkeyi iri mu kirere. Turashobora kurungika ku kwezi ibikoresho vyose dushatse, nta mvura na nkeya iri mu kirere. » Ariko namba Imana yari yaravuze ko imvura yari iriyo... yamara « Ukwizera n'ukumenya rwose ivyizigirwa, udakekeranya ngo ntibizoba, kand'ibitabonwa ni kwo kubitumenyesha kw'ari ivy'ukuri. » Ahantu hanyuma ukwizera kuronkera uburuhukiro ni mw'Ijambo ry'Imana. Aho ni ho kuronkera aho kuruhukira. Murabitahura? Ahantu hakwo ho kuruhukira ni Ijambo ry'Imana. Kuri Ryo ni ho Nowa yaruhukiye mu kuvuga ati: « Imana yarabivuze! » Vyari biheze!

80 Nimwongere muvyitegereze: Nowa mu kwizera ivyo, yitwa ko akavya nk'uko bimeze ku bantu ba kino gihe bizera umubatizo wa Mpwemu Yera. Ishengero riribwira riti: « Abo bantu barakavya; abo ni abagumutsi gusa, abantu b'ibigumbagumba, n'abantu bahahamuwe n'ubwoba. » Ariko ni bake muri bo bazi ko Ijambo ry'Imana rivyigisha; ko ari isezerano.

81 Nowa we, ivyo bagenda bamuvugako yavyitwararika buke. Ngo: « Ako gatama nta bwenge kakigira.» Mu buryo bw'ubushakashatsi yari yarihenze, eka no

mu mutwe ni ko vyari biri. Ariko kuri Nowa we, ryari Ijambo ry'Umwami. Maze Nowa agumana n'Ijambo, ariko umunyabwenge n'umuhanga baratsitaye kuri ukwo kwicisha bugufi maze barapfa. Mbega agatukisha! Ni ko biri no ku runganwe rw'iki gihe cacu!

Abenshi baravuga bati: « Iyo mba nari ho muri ico gihe... » Oya, mwokwifashe nka bo nyene kuko muri iki gihe ibintu nka vyo nyene biriko birasubira kuba ariko mu bundi buryo; kandi uno musi batsitara neza na neza nk'uko batsitara muri ico gihe.

82 Nta nkeka ko muri ico gihe bari bafise abavugabutumwa benshi, ariko Nowa we, yari yahumekewe n'Imana. Nowa yarashobora kuraba kure maze akabona ivyategerezwa gushika agatako akamenya ko Imana itari kureka urunganwe rubi kandi rw'ubumaka nk'urwo ngo rubeho. Gurtyo, twokora iki uno musi atari ukubona vya bindi nyene, Sodomu ya none na Gomora ya none? Ni abantu kandi b'abasambanyi, bafise inyigisho iryohoye ku buryo batsitara ku kugaragara kwayo guciye bugufi no ku guca bugufi kw'Ijambo ryayo vyerekana Ijambo ryayo.

83 Nta n'umwe mw'isi yose ashobora kuvuga ati: « Nta n'Ijambo ry'Imana tubona ryerekanwa muri twebwe », mbere n'isezerano ryo mu misi ya nyuma, eka n'umuco wo ku kagoroba wategerezwa kwaka, ntibabibona. Twebwe turi abantu bagiriwe ubuntu bwo kubona ivyo. Ariko abanyabwenge b'ino si, ivyo barabihishijwe.

Yesu yarabarira Imana Data ati: «Vyaraguhimbaye kubibahisha, barekere ubwenge bwabo... » Murabona, ubwenge bw'umuntu ni bwo bwatumye umuntu yivurunga mu myanda y'icaha kw'itanguriro. Kuko Eva yariko arondera ubwenge igihe yahura na Satani maze Satani na we aca arabumuha, ariko ubwenge bunyuranye n'Ijambo. Ntidusabwa kugira ubwenge : ico dusabwa ni ukugira ukwizera ku vyamaze kuvugwa. Ariko abanyabwenge bo bararyohora kandi ibintu bakabigumisha nk'uko bigombeye kandi bakavyongerako insobanuro yabo bwite nk'uko bamye babikora. N'uno musi bakora ibisa n'ivyo bakora kera, bakoresha bwa buryo nyene.

84 Abantu b'ico gihe babuze vyose nk'uko bibagendera n'ubu. Ubutumwa bwari buciye bugufi cane ku buryo abanyabwenge babaye abanyabwenge birenze urugero kugeza naho batari kwizera uguca bugufi kw'ubwo butumwa. Oh, bene Data! Imana yarabucishije bugufi cane rwose mu Kuri kugeza n'aho abanyabwenge n'abize baciye ku ruhande ntibababubona kuko bwari buciye bugufi cane rwose. Igishira hejuru ubwiza bw'Imana ni uko n'aho ihambaye cane, ishobora ubwayo kwicisha bugufi.

85 Abantu b'iki gihe barerekana ko atari ab'Imana; ni abanyacubahiro kandi bashaka kurushiriza kuba abanyacubahiro. Bo nyene ubwabo biyita amatazirano

y'ivyubahiro akomakomeye nka: Musenyeri Mukuru, Umwigisha, Papa Mweranda n'ibindi, bo nyene bakigira ico batari mu gihe Imana yoyo Isumba vyose yisiga ubusa ikagera ku kwicisha bugufi. Guca bugufi, ni co cubahiro. Turashobora gukora indege inyaruka cane, turashobora kurungika ikigendajuru, tugashira ikigendajuru bita satelite ku murongo gicako, ivyo vyose turashobora kubikora. Ego! Ariko ntidushobora gukora n'akatsi. Amen! Muvyibazako iki? Ariko aho kugerageza kugaruka kw' isoko no kurondera kumenya Uwukora ako katsi kandi aho kwemera n'Imana ubwayo yaremye icatsi tugerageza gukora misile izogenda cane kurusha iy'igihugu kibanyi.

86 Mu mashengero yacu twahindutse inkerebutsi n'incabwenge, kugeza aho dushobora kwubaka inzu iciye umuliyoni umwe canke cumi z'amadolari, tukagerageza kwubaka neza kurusha Abametodiste; Ababatiste na bo bakagerageza kwubaka iyisumvya ubwiza iy'Abaperesibiteriyano, n'Abapentekote na bo nyene barinjiye muri iryo hayanishwa. Ariko icatumye ivyo bintu biba ni uko turi abanyabwenge rwose kandi twidibamiye mu buryo bwacu bwo gukora kugeza n'aho bitunanira kwicisha bugufi, kandi ari co cotumye tumenya ko Imana iri muri kano gasengero kari ku mfuruka y'ibarabara. Ni ivy'ukuri! Dutsitara ku guca bugufi. Ivyo ni uko vyamye bigenda ibihe vyose.

87 Gurtyo rero bari abanyabwenge birengeje ku buryo batashobora kwizera ubutumwa buciye bugufi nk'ubwo. Ubwo butumwa ntibwari buhinguwe bihagije kugira ngo buhuze n'ubushakashatsi bwabo. Ubwo butumwa bwari busuzuguritse ku buryo butari bujanye n'integuro y'amashure bari bafise muri ico gihe. Bariga kugira ngo bamenye ko hariho Imana, bariga kugira ngo bamenye ko ari Nkuru kandi baragerageza kwishira hejuru ubwabo kugira ngo bigereranye na Yo mu gihe inzira yo gushirwa hejuru yama ari ya yindi yo kwicisha bugufi.

Gurtyo, ni nde ashobora kumenya ko agace gahereza isi ko mu buraruko ari bwo buraruko, canke ko agace gahereza isi ko mu bumanuko ari uburaruko, canke ko agace gahereza isi ko mu bumanuko ari uburaruko? Ni akahe gace gaherereye haruguru kandi ni akahe gace gaherereye hepfo? Twenena mu kirere. Turavuga duti: « Agace gahereza isi ko mu buraruko gaherereye ruguru ». Mubizi gute? Agace gahereza isi ko mu bumanuko koshobora kuba kari mu buraruko! Murabona neza ko ata vyo muzi!

Kuri ivyo, mwombaza muti : « None woshobora kuvuga ute ga mwene Data Branham, ko ruguru ari hepfo? » Dufatiye ku rufatiro rw'Ijambo rya Yesu Kristo. Umwami yavuga ati: « Uwuzokwishira hejuru wese azocishwa bugufi kandi uwuzokwicisha bugufi azoshirwa hejuru. » Nimwicishe bugufi. Gurtyo rero, vyukuri ruguru ni hepfo kandi hepfo ni ruguru.

88 I Chicago, umuvugabutumwa wo mw'idini rimwe yarafashe ijambo ari hagati mu mugwi umwe w'Abapentekote. Yari yegeranije ubumenyi bwiwe bwose. Maze

rero arahaguruka atangura gukoresha amajambo Abapentekote batari bazi na mba. Aca abona ko abariko barumviriza batariko barakurikira, maze aca avyimvya igikiriza, araheza aridondora ati: « Murazi, ndi Umwigisha mweranda Kanaka, wo kw'ishure rimwe rikuru ry'i Chicago. Yaguma araba hirya no hino maze abo Bapentekote na bo bakaguma barabana. Ntibari bazi n'ivyo yariko aravuga; yari yarize cane, yari umunyabwenge cane, yari akerebutse cane; ariko bo ntavyo bari bazi.

89 Bigomba kumera nka wa mukenguzamateka aherutse kwiyamamaza kugira ngo atorwe kuba umuperezida maze agatsindwa. Tuck Coots yarambariye igihe navuga ubutumwa ku maziko ya nyina wa Ford nkavuga ku kimenyamenya c'ukuzuka... Nk'uko ntakekeranya ko izuba riseruka, na jewe nyene nzozuka, nk'uko ntakekeranya ko iyo ici ryegereje ivyatsi vyuma maze amababi agahunguruka ava ku giti akongera gututuza iyo isi isubiye mu kibanza cayo c'aho yari iri kandi aba azutse.

90 Tuck rero yavuga ati : « Billy, ndashimye ubwo butumwa. » (Nari nicaranye na mwene Data Neville mu modokari). Naciye ndamwishura nti: «Tuck... » Aca aravuga ati : « Ndashima ubutumwa bwanyu. » Ndishura nti: « Tuck, sinigeze niga. »

Aravuga ati: « Ico ni co nyene gituma bugira agaciro. » Yari yaragiye kwumviriza Adlai Stevenson (ndibaza ko uwo mugabo aja kumbabarira) kandi haciye iminota cumi n'itanu yaciye asinzira. Yamara, umushingantahe Stevenson arazwi kuko ari umuntu yamenyereye kuvugira imbere y'abantu benshi. Yamara Tuck, n'aho yari yarize cane, yaravuga ati : « Nta na kimwe natahuye mu vyo yavuze uretse utujambo tumwe tumwe; ayo majambo yari agoye cane! » Yaravuga kandi ati : « Mwene Data Branham, urigera ubona nsinzira na rimwe uriko uravuga ubutumwa? »

Murabona, ni uguca bugufi. Ni ibiciye bugufi. Aho ni ho Imana iri.

91 Gurtyo rero bari abanyabwenge birenze urugero muri ico gihe ku buryo batari gutahura insiguro y'ukuntu Imana ikora ibintu mu buryo buciye bugufi. Kuri bo vyari bigayitse. Vyari bikwiye ko bishikirizwa neza, canke atari uko bimeze bagaca babica i ruhande bakabihusha. Ariko Yehova ahambaye yari yihishije mw'Ijambo ryiwe kandi yimenyekanishije ku bizera Ijambo ryiwe mu kubacungura, mu gushitsa igikorwa c'ubutumwa buciye bugufi, bwa butumwa buciye bugufi bwavuzwe na Nowa Imana ikabushitsa.

92 No mu gihe ca Mose na ho nyene harabayeho ikindi gihe co kubohorwa. Iyo Imana igira ikore ikintu kugira ngo ibohore abantu bayo yama ibarungikira ubutumwa. Ubwo buba buciye bugufi rwose, nk'uko tuzobibona mw'imenwa rya bimwe bimatanije ca Gitabo (ni co gituma mbanje kubashikiriza ibi) tuzosanga imenwa ry'ivyo bimatanije ca Gitabo riri mu kwicisha bugufi cane ku buryo

abanyabwenge batazobica n'ikanda. Mu bwiyoroshi bw'Imana - ukuntu Imana UbwaYo Yihisha mu kwicisha bugufi!

93 Ibaze gusa ukuntu abantu bashobora gutandukanya uduhimba duto duto cane kandi bagakora ibindi bintu vyinshi bene ivyo, ariko ku vyerekeye ivyo ubuzima ntibashobora kuvuga n'iyo buva. Akatsi, Imana ikihishijemwo! Barashobora kurungika ikigendajuru ku kwezi, bakakurungikako ico bita radare bakongera kandi bagakora n'ibisumba ivyo ariko yamara ntibashobora gusigura ubuzima buri mu katsi! Ni ivy'ukuri. Murabona, ni kubera yuko ivyo bidashobora gusobanurwa; biraciye bugufi cane ku buryo bibasiga.

94 Ubu rero turabe Mose. Mu gihe Imana yagira ibohore Abisirayeli nk'uko Ijambo ryayo rivuga, yakoze iki? Yahisemwo umuryango uciye bugufi ata na kimwe tuwuziko. Ico tuzi gusa n'uko se na nyina ba Mose bakomoka kuri Lewi. Birashoboka ko Uwo yari umubumvyi (nk'uko abantu bari kubivuga hariya muri Egiputa), yabumbira umwansi amatafari. Yari umuja asanzwe gusa mu bandi Bisirayeli, ariko Imana yahisemwo uwo muryango kugira ngo iwukuremwo umucunguzi. Muri wo nta bami barimwo, canke ba rurangiranwa, canke abaherezi. Wari umuryango w'abayuda ubayabaye. Ica ifata umuryango usanzwe, umeze nk'iyindi; uguca bugufi!

95 Turabe ico yaciye ikora. Yaciye ihagurutsa umwana umwe, umuntu aciye bugufi. Iyo iba yarabigomvye yari gushobora gutegeka izuba kugira ngo ribohore abantu bayo, yari gushobora gutegeka umuyaga, yari gushobora gutegeka umumarayika akaja kubabohora.

Oo, Haleluya! Imana ishobora gukora ico ishaka cose. Muti : « Ariko ivyo ubimenya gute, ga mwene Data Branham ? » Imana ntiheba integuro yayo. Ni co gituma no muri kino gihe cacu nyene tuzi ko bizoba biciye bugufi. Yama ikorera mu biciye bugufi. Uhereye ubwa mbere na mbere Imana yari gukora ku buryo

Ubutumwa bwiza bwari kuvugwa n'izuba, canke bukavugwa n'umuyaga canke n'umumarayika; ariko yashizeho abantu bo gukora ico gikorwa kandi ntiyigera ihindura uburyo bwayo bwo gukora.

Ntiyigera ishiraho amadini, canke imigwi y'abantu; ishiraho umuntu kugira avuge ubutumwa bwiza; atari imashini, atari n'icuma cakozwe n'abahinga, atari n'umumarayika: ni umuntu. Kandi igihe yashira agakiza abantu bari hariya, yarungitse umuntu aciye bugufi yavukiye mu muryango uciye bugufi ugizwe n'abaja. Oo, mbega Imana y'ubwiza! Ubwayo yihishura mu vyicishije bugufi.

96 Yashimye ko uwo mwana arererwa mu bwenge bw'isi kugira ngo ashobore kunanirwa, gurtyo iba yerekanye ko tutazokwigera dukizwa n'ubwenge. Tubohoka kubwo kwizera. Yaramuretse aja muri ivyo kandi arigishwa ku buryo we nyene yari ashoboye kwigisha ubwenge bwo muri Egiputa. Yaciye acika Umunyabwenge

ahebuje. Imana yari iri kumwe n'uwo muryango uciye bugufi cane ata n'umwe wo muri bo yoshoboye kumbure kwandika n'izina ryiwe.

Mose yarize cane kandi ashika ku rugero rw'amashure yo hejuru cane kugeza n'aho yashitse ku gushobora kwigisha ubwo bwenge ababumwigishije. Yarashobora kubwigisha n'abanyabwenge ba karuhariwe. Ego! Kandi Imana na Yo yaramuretse afata iyo nzira kugira ngo ishobore kwiyerekanira ubwayo mu biciye bugufi kugira ngo yerekane neza yuko ubwenge ataco bumaze muri ivyo. Maze Mose hamwe n'ubwenge bwiwe aca arananirwa bimwe biboneka. Imana yaramuretse arabandanya muri iyo nzira kugira ngo Umugambi wayo ushike ngo bitume Mose ananirwa: maze mu vy'ukuri yarananiwe araheza aragwa.

97 Ivyo vyabaye uko kugira ngo bigaragare ko atari kubwo ubushobozi, canke ku bwo inkomezi, canke kubwo ubwenge bw'amashure yacu, canke kubwo ubushobozi bwa za seminari zacu, canke kubw'igitigiri c'amadini yacu, canke kubwo inyigisho zacu zo mu mashure, ariko ko ari « kubwa Mpwemu wanje, ni ko Uhoraho agize. » Ubwenge bwiwe bwari bwatumutse kandi bwari bwakamye. Igihe Mose yahura n'Imana ari hafi y'Igisaka caka umuriro, yaciye akura inkweto ziwe, aca yicisha bugufi cane kandi aca aribagira ubwenge bwiwe bwose. Kugira ngo abazanire agakiza, Imana yabanje kumwigishiriza mu bwenge hanyuma iramureka arananirwa kugira ngo imwereke yuko atawukwiye kwishimikiza ukuboko kw'ubumenyi bwiwe bwite canke ubw'uwundi uwo ari we wese. Vyari bikwiye ko Imana imureka akagwa kugira ngo igaragaze ikiganza cayo. Muratahura ivyo? Ivyo Imana yari yaragabiye mu gukora gurtyo, kwari ukugira ngo yigaragaze ubwayo mu kwicisha bugufi.

98 Yararetse Mose kugira ngo abe umuntu akomeye kurusha abandi kugeza n'aho yabaye samuragwa wa Farawo. Yarabaye umugabisha w'ingabo akomeye. Dukurikije uko inkuru za kahise zivuga, uwo Mose yari yarigaruriye ibihugu bahana imbibe. Hanyuma igihe yashaka gukorera Umwami akoresheje ubutwari bwiwe bwose, Imana yaciye imureka aragwa wese, kugira ngo Mose arungikwe mu bugaragwa gukurwamwo ivyo yari yarize vyose maze hanyuma y'ivyo ashobore kurenguka imbere y'Imana aciye bugufi, hanyuma Imana ica imurungika muri Egiputa afise inkoni isanzwe mu ntoke kugira ngo abohore abantu.

Nta na kimwe yashoboye gukora kubwo ubumenyi bwa gisirikare, canke kubw'ivyo yize kw'ishure, canke kubw'inyigisho z'ubushakashatsi canke ububasha bwa gisirikare, ariko Imana yamuhaye inkoni yo mu bugaragwa ishaje ifise amapfundo ari na yo yashoboye gukoresha vya bintu vyose. Imana iri mu biciye bugufi, mu vyiyoroheje. Imana yari mu nkoni no muri Mose. Mu gihe cose Mose yaba afise iyo nkoni, Imana yaba iri muri yo kuko Imana yari muri Mose. Nta nkeka!

99 Ngo : « Ntibiva ku bushobozi, canke ku nkomezi, ariko biva kuri Mpwemu

wanje... ». Ku bwo ukwizera gusanzwe, Mose yari yarigishijwe na nyina ko azocungura ubwoko bwiwe. Kugira ngo abishikeko, yaciye yimenyereza gukoresha inkomezi z'ibirwanishwa, ariko vyaramunaniye. Yari afise ubwenge, yari yarize, ariko ivyo nta co vyamumariye. Gurtyo yategerejwe kubanza kwibagira vyose kugira ngo abone gushikira ikintu giciye bugufi cane co gufatira Imana kw'Ijambo ryayo. Aho rero ni ho yaciye abohora abantu. Ni ivy'ukuri.

100 Mbega Imana ibohora gute? Kubwo kwizera Ijambo ryayo. Uko ni ko vyamye bimeze. Turashobora gutereza akajisho kuri Kayini na Abeli kugira ngo tubone ukuntu Kayini yagerageje guhimbara Imana mu kuyishikanira ikintu ciza. Abantu biyumvira ko bazohimbara Imana kubwo amakoraniro manini manini y'abantu bambaye neza, kubw'abapatiri bambaye impuzu z'ubusaseredoti, abaririmvyi bambaye amakanzu maremare n'ibindi bongerako.

Murashobora kubona aho ivyo biva? Kayini yagerageje gukora nk'uko nyene maze ayubakira igicaniro. Sinkekeranya ko ico casa neza kandi uwo mugabo yari yabikoranye umutima ukunze. Yarasenga. Yiyumvira ati : « Kazima ndabikoranye umutima ukunze, nta co bitaniyeko. » Ariko vyukuri ivyo vyari bitandukanye: Murashobora kuba mukorana umutima ukunze ariko mukaba muri mu kinyoma.

101 Nimurabe ko yubatse ico gicaniro kandi ntakekeranije yaciye agishirako amashurwe n'ivyamwa vyiza yibaza ati: « Sinkekeranya ko Imana isanzwe ari Nkuru, Yera, Itagira agasembwa kandi Nziza cane ija kwakira iki kimazi ». Ariko murabona, yakora akurikije nk'uko ubwenge bwiwe buri. Yabikoze nk'uko ivyiyumviro vyiwe bwite vyari biri kandi uko ni na kwo bikorwa uno musi. Bakora nk'uko ubwenge bwabo bwite buri, nk'uko bigishijwe, uko barezwe ni ko bigenza, bakurikije ivyo bize vyose.

Ariko Abeli we, kubwo guhishurirwa, kubwo ukwizera, yashikaniye Imana ikimazi kirusha ubwiza ibindi vyose. Tubivuze nk'uko abantu babona, nticari ikintu kibereye ijisho : agakoko karasumirwa mw'izosi, kaboheshejwe umurandaranda maze kagaca karambikwa ku gicaniro. Nta kintu na kimwe carimwo cokwega umuntu : yari yakarambitse ku gicaniro, agakereresha ibuye rikarishe mu muhogo kugeza amaraso amumijukiyeko; maze ako kagazi kakaguma kabira kariko karapfa. Cari ikintu giteye ubwoba kuraba.

Yamara vyari vyoroshe. Mu kwicisha bugufi kwose, Abeli yari azi ko yari yavyawe n'amaraso ya se na nyina, avyarwa mu maraso ya nyina kubwo amaraso ya se wiwe kandi ko amaraso ari yo yatumye haba ukugwa; ni co gituma amaraso ari yo yategerezwa kumugarukana. Gurtyo rero yashikaniye Imana ikimazi kiyihimbara kuko yari yabihishuriwe.

102 Kandi usanga uno musi hariho bene Data bibaza ko Adamu yariye ivyamwa vyitwa amapome canke ivyamwa vy'igiti citwa ipwariye! Umusi umwe narasomye

mu kinyamakuru inkuru irusha izindi gutangaza. Ubu bavuga ko bamenye ko icamwa Eva yariye atari ipome; ndibaza ko biyumvira ko ryari itunda! Nimurabe aho iyo mpwemu iva!

Baravuze kandi ngo Mose ntiyigeze ajabuka ca Kiyaga Gitukura ariko ngo aha hari hariho ikiyaga c'amarenga maze rero ngo yari yacishije Abisirayeli muri ico kiyaga c'amarenga. Ku nkengera y'ikiyaga habaho amarenga menshi kandi Mose ngo yoba yarajabutse ikiyaga; ariko ngo yoba yajabutse ikiyaga c'amarenga, c'ivyatsi kanaka n'ibintu bisa n'ivyo.

Ni akamaramaza! Bibiliya ivuga iti : « Uhoraho ahuhutisha umuyaga mwinshi... amazi ababera nk'umurombero i buryo n'i bumoso. » Bagerageza kubisobanura uko bigombeye kandi ico ni co gituma bama bananirwa kandi bazobandanya kunanirwa.

103 Murazi, Kayini ni we kigereranyo nyaco c'umuntu w'iki gihe w'umunyamubiri aboneka inyuma ko ari umuntu asenga. Ashaka gukora ikintu mu buryo bugaragara. Araja gusenga; akazokora ibintu vyinshi mu kwubaka. Hariho Ishengero rimwe gusa, ariko iryo ntimushobora kuryifatanyako. Ayandi yo ni ibigo. Mwifatanya n'ikigo c'abametodiste; n'ikigo c'ababatiste, n'ikigo c'abaperesibiteriyano, n'ikigo c'abapentekote; ariko Ishengero ryo murivukiramwo. Ayo yose ni ibigo si amashengero : ni ibigo. Nta shengero ry'Abametodiste canke rya Pentekote ribaho. Oya. Ni ikintu kitabaho. Ni ibigo abantu binjiramwo, ariko mw'Ishengero ry'Imana Nzima ho murahavukira. Iryo Shengero ni umubiri utaboneka wa Yesu Kristo: Mutegerezwa kuvuka.

104 Gurtyo vyarahimbaye Imana guhishurira Abeli ibanga ryayo biciye mu kwizera gusa amaraso yasesetse. Oh, nokwifuje kuronka umwanya ukwiye wo kubivugako! Kayini n'ubwenge bwiwe bwose yari umugabo w'umunyabwenge. Muravuga muti : « Mwene Data Branham, uriko uragerageza kumugira umuhanga yuzuye ubumenyi! » Yari we! Yari umunyabwenge. Ni mukurikirane abamukomotseko. Nimurabe abana biwe. Bose bari abashakashatsi, bari abahanga, abanyabwenge. Bose. Ariko mukurikiranye uruvyaro rwa Seti muzobona yuko bari abanyagihugu baciye bugufi batize, gurtyo gurtyo gushitsa ca gihe co guhona. Ariko abana ba Kayini bari abanyabwenge, wari umugwi w'abize. Baranashobora gucura no kwubaka. Bari inkerebutsi; mu gihe abandi bantu na bo bibera mu mahema, baragira intama zabo kandi bakishimikiza amasezerano y'Imana. Murabona uko vyari biri. Nimwige kuri urwo ruvyaro gushitsa ku wa nyuma maze murabe ko atari uko biri! Bishimikiza amasezerano y'Imana.

Uko ni ko Nowa yatoranijwe mu bantu nk'abo; ukwo ni na kwo Dawidi yakuwe inyuma y'umukuku wiwe; ni ko vyabaye no kuri John Wesileyi, Maritino Luteri n'abandi. Uko ni ko mwabaye ico muri co uno musi. Mwacishijwe bugufi cane kugira ngo mwizere isezerano riciye bugufi ry'Imana.

105 Ubu rero, nimurabe neza ibi: vyarahimbaye Imana kwerekana akaranga k'ikintu. Yamara Imana izokwama yemeza ko ari ukuri canke ko atari kwo. Gurtyo abantu benshi baragerageza kwiha igikorwa Imana ikaba kure yaco rwose. Ni ivy'ukuri! Ariko igihe mubonye Imana igarutse kwemeza kandi ikavuga ko ikintu kanaka ari ic'ukuri, ico rero kiba ari ic'ukuri. Ico ni ic'ukuri. Muca mumenya rero ko ari ukuri.Yamara igihe amashikanwa yari ari ku gicaniro, Imana yaciye yanka ukuntu Kayini yayitahuza ubwenge. Ariko igihe yabona Abeli, uwo kubwo ukwizera gusanzwe yizera ko bitaciye mu buryo bw'amapome canke ivyamwa vyo mw'ishamba, ariko ko vyaciye mu maraso (ivyo yavyemejwe n'ukwizera, abihishuriwe n'Imana), Imana yaciye yemera Abeli mu kwakira ikimazi ciwe.

106 Ico ni na co twiyumvira iyo turiko turasengera abarwaye canke ikindi kintu ico ari co cose. Yesu yaravuga ati: « Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebwe, musabe ico mugomba cose, kizobabera kuno. » Kuko ubu tugira turangize, reka twihute, dusigaranye iminota mirongo ibiri gusa.

107 Tumenye ko mu gihe ca Eliya, Imana yahisemwo kwihisha mu muntu asanzwe. Nimuvyibazeko. Ni kwo kwari uguhitamwo kwayo. Nimwibuke ko hari hariho abanyabwenge b'ivyagezwe, abaherezi; bari bafise abagabo bahambaye muri ico gihe. Umwami Ahabu ubwiwe yari umuyuda. Ico gihe mu gihugu hariho abantu bahambaye. Ariko Imana yihishije mu muntu asanzwe atari umunyabwenge, atari umunyabwenge karuhariwe mu vya gisirikare akomeye canke rurangiranwa. Mbere na Se na nyina ntitunabazi! Nta kindi yari ari uretse ko yari umuntu atize asanzwe yahagurukijwe kubwo intumbero imwe gusa yo kuba uwuvugishwa n'Imana. Imana yari yatumye aba mu bugaragwa ari inyakamwe. Ikintu conyene tuzi ni uko yaje giturumbuka atawuzi iyo avuye kandi akaba yaraciriyeko iteka uburyo bwose amadini atunganijwemwo.

108 None murazi ico bamwiyumviriyeko? Bati : « Ahejeje ishure irihe? Ari mw'idini irihe? Yoba ari mu Bafarisayo canke mu Basadukayo canke mu kindi ico ari co cose? » Nta kintu na kimwe co muri ivyo yari arimwo mugabo yaraciriyeko iteka uburyo bakoreramwo bwose. Imana yahisemwo gukora gurtyo ikoresheje umuntu asanzwe adafise amashure. Nta na hamwe havuga ko yoba yaragiye mw'ishure. Nta na kimwe tumuziko; yari umuntu asanzwe gusa; ariko vyarahimbaye Imana kwihisha muri uwo muntu asanzwe, Imana ica yihisha mu muntu asanzwe. Murashobora kubitahura? Imana yihisha abantu mu musazi atize. Eliya nta co batamwagiriza, mbere n'ivy'ubupfumu : abavugishwa n'Imana bose uko ni kwo bama bagirizwa. Yesu yaragirijwe ubupfumu (Beyezebuli), kandi ngo ni umusazi. Bavuga bati : « Uri umusazi. Turazi ko urimwo dayimoni. Wataye umutwe. » Yarabishuye ko kuvuga ivyo mu misi ya nyuma kuzoba ari ukurogota, ababwira ko ico gihe abahariye, ariko ko ivyo batazosubira kubiharirwa mu misi ya nyuma. Igihano kizoba ico gutandukana ibihe bidashira. Ntibazobiharirwa

muri kino gihe no mu gihe kizoza.

109 Eliya bamufashe nk'umusazi. Murashobora kwibaza uko vyagenze? Nk'uko bimeze muri iki gihe, abagore bose barimwesha imishatsi kandi bakisiga amarangi nka Yezebeli; umwamikazi; abavugabutumwa bose bari bahindutse ab'isi. Baca babona uwo mutama Eliya aje giturumbuka aza acirako iteka ivyo bikorwa vy'umwamikazi ari we Yezebeli, kugeza ku mugore asanzwe.

Ngo: «Ntidutegerezwa kukwumviriza, turafise abungere. » Vyukuri ntivyari ngombwa ko bamwumviriza, ariko kandi ni we yari umwungere wabo. Yari umwungere wa Yezebeli. Koko yari gushobora kwironkera uwundi ameze ukundi, ariko Eliya we yari yarungitswe n'Imana; ni we yari umwungere Imana yari yamurungikiye. Yaramwanka, ariko n'aho vyari uko yari umwungere.

110 Nimumenye ko Eliya yicisha bugufi kandi akaguma yumiye ku co Imana yaba yavuze, kugeza n'aho vyahimbaye Imana gufata iyo mpwemu nyene ya Eliya, igasezerana ko Izokwongera kuyururutsa ibihetangabo gatatu uhereye muri ico gihe nyene. Amen! Ni co yakoze. Amen! Ico ni co nyene yakoze. Yasezeranye ko izoza, kandi yaraje kuri Elisa, uwamukurikiye, hanyuma iza kuri Yohana umubatizi kandi nk'uko muri Malaki 4 havuga, itegerezwa kwongera kugaruka aha mu misi ya nyuma.

Imana yarakunze iyo Mpwemu yari iri kuri uwo mugabo yibera mw'ishamba, asanzwe kandi atari yarize. Yarumvira cane Ijambo ryayo ku buryo Imana yashobora kuvuga iti: «Eliya, kora iki! », Eliya na we agaca agikora. Imana yari yihishije mu kwicisha bugufi kugeza n'aho bose bavuga bati : « Uwo mutama yasaze! Ntihakagire ico mukorana na we », n'ibindi nk'ivyo.

111 Ariko umusi umwe, igihe yari amaze gusaza, amaze kugira ubuhanza, ubwanwa bumaze gusa n'umunyota, udushatsi duke duke tukagwa ku bitugu, amaboko yonze, asigaye ku magufa, Eliya yariko aramanuka mw'ibarabara ry'i Samariya arangamije mw'Ijuru afise inkoni y'amapfundo mu minwe. Nta cotumye bamwipfuza cari kuri we ariko yari afise « UKU NIK'UHORAHO AGIZE! »

Ntiyavuga agigimiza. Ntiyadidinganya. Ntiyavuze ati: « Ahabu, mwami ahambaye... » Yaraduze aja iyo ari maze avuga ati: « Nta kime kizotonda canke imvura ngo ikoroke muri iyi myaka, atari jewe mbivuze! » Imana yarubahirije ukwicisha bugufi kwiwe.

112 Gurtyo, nk'uko mubibona, n'aho uburyo yakoramwo bwari buciye bugufi, bose baramurwanya, amashirahamwe yose y'abapasitori n'abandi, bose bamufata mu kanigo. Ni ivy'ukuri! Baragerageza kumwikurako. Ariko muri ukwo kwicisha bugufi, n'aho bataja mu bikorane vyiwe vyo kwamamaza ubutumwa bwiza, bose bamufata nk'umusazi. Yari Imana yihishije. Ariko igihe gishitse c'uko urubuto rwari rwatewe rwera, Imana yaciye yigaragaza mu kumanura umuriro uva mw'Ijuru. Imana irihisha mu biciye bugufi, kandi igasubira ikihishura. Imana

vyarayihimbaye gukora nk'uko. Uko ni ko yamye ikora. Ego me!

113 Twabonye ko yari yarabisezeranye. Ingorane iri mu bantu benshi bo muri twebwe uno musi n'uko dushaka kwigishwa rwose duciye muri za seminari n'amadini bigatuma tuguma mu kanogo k'ivyo twize ku buryo Imana idashobora kudukoresha. Imana irashobora kugobera umuntu kugira ngo arangure ikintu kanaka maze ikamuha ibango ry'igikorwa, ariko hanyuma, ikintu ca mbere na mbere uwo muntu azokora kikaba ico kuja kubanza gusuma mu vyo abandi bavuga. Mu gihe gito azoba yiboheshe je amajambo y'ubupfu ku buryo Imana itegerezwa kumukurako ikiganza cayo ikamureka agasigara wenyene. Murabibona?

114 Izoca rero irondera uwundi muntu, uwuzokora Ukugomba kwayo. Itegerezwa kuronka umuntu yakira Ijambo ryayo, uguhishurirwa kuva kuri Yo, kandi ataja kure yavyo, ariko akaguma wese muri iryo Jambo. Uko ni ko ikora. Uko ni ko yamye ikora. Gurtyo, iyo umuntu yize akaba umunyabwenge kugeza n'aho atangura kugerageza kwinjizamwo insobanuro yiwe bwite nk'igihe avuga ati: « Umubatizo wa Mpwemu Yera? Oh, wari uw'ikindi gihe! » canke akongera ati: « Ntiwari uw'ikindi gihe, ariko ngira ndababarire, uwo ntucongera kuza nk'uko waje ku musi wa Pentekote. Twarahawe umubatizo wa Mpwemu Yera igihe twizera» n'ubundi bupfu nk'ubwo...

115 Bavuga barwanya umubatizo wo mw'Izina rya Yesu Kristo, kandi Bibiliya ari ko iwigisha. Bavuga bati : « Ehe seminari ivuga iki na kiriya. » Ni ukudohoka. Imana ntishobora gukoresha abantu nk'abo. Irashobora kureka umuntu agahamwa mu gihugu cose, akirukanwa kandi akaba ak'amenyo kuri bose, ariko iyo haje isozera nyakuri, Imana irahaguruka maze igaca yigaragaza muri ukwo kwicisha bugufi nyene.

116 Urwo rubuto rwakuze nk'ishurwe, ivyarwo biba biheze, rurapfa maze rukarwa! Nimwimbe murabe ako kabuto, karaboze, ntikabereye ijisho; ariko muri ko haca havamwo ubugingo kugira ngo gasubire kwama irindi shurwe.

Imana mu biciye bugufi. Yama ikora uko nyene. Umuntu ashirwa hejuru n'ukwicisha bugufi. Nimwicishe bugufi. Ntimwigere muvuga muti : « Ariko ivyo ari

vyo vyose ndafise iki na kirya. » Nta na kimwe mufise. Nimwibuke gusa ko ni mwaba mwarakiriye ubuntu bw'Imana, mutegerezwa kubukenguruka gusa.

Mubandanye mwicisha bugufi gusa.

117 Ubu rero birakwiye ko nihuta kuko amasaha ageze kure. Singomba kubafatira umwanya muremure kugira ngo sindabaruhishe birenze urugero; turacafise vyinshi vyo gukora muri rino yinga.

118 Gurtyo twabonye ko abantu barushirizaho kuba incabwenge no kwiga cane. Ubu naho nipfuza kubereka ikindi kintu! Ku rundi ruhande bagera kure cane ku buryo basigara bakavya mu kwihatira kuba abasenzi. Turazi ko n'uno murwi uriho. Baca mu rundi ruhande.

Aho ni ho ntemerera uwo murwi wa bene Data baherutse kwikura mu nzira y'Umuco. Ntibibaza yuko hari ikintu kidasanzwe coshobora kuba batabanje kugira umurwi. Uko ni kwo bitororokanije muri Canada mu gutanguza umurwi w'abantu kugira ngo bigishe abazoba intumwa n'abavugishwa kandi icavuyemwo cabaye ukugwa. Ukwo ni kwo bizokwama bimera. Bibaza ngo kuko ari aba... Baguma bacira urubanza cane iki na kiriya ku buryo impera n'imperuka bagwa ku ruhande atari rwo.

119 Murabona, ku ruhande rumwe ni abanyabwenge karuhariwe, bakonje kandi batanyinyuka kandi bahakana vyose; ku rundi ruhande na rwo bararenza urugero, bakurikira ibigumbagumba vyabo, bagahakana Ijambo. Ariko Ishengero nyakuri kandi ry'iry'izigirwa riguma hagati na hagati y'inzira.

120 Mubimenye, birakwiye ko mumenya ivyo Imana yavuze muri Bibiliya; ni ivy'impwemu bihagije kugira ngo bikangure imitima yacu kandi ni yo nzira yonyene. Yesaya avuga ko bizomera gurtyo nyene. Ngo : « Kandi hazobay'inzira y'iroro n'inzira inoze. »

Abo bera, bahezagiwe kandi bakaba n'abagenzi b'agaciro bo mw'ishengero ry'Abanazareye wari umugwi muto w'ubushobozi Imana yari itanguye gushiraho; ariko bashitse kuki? Igihe Imana yari itanguye kuvuga mu ndimi mw'Ishengero, bari bamaze kuba abanyedini cane no kwishimira ivyabo cane ku buryo baciye bavuga ko ivyo bivuye ku murwanizi maze baca barabihakana rwose. Gurtyo rero turabona ko ivyo bintu vyose bigenda biratituka kandi bigapfa. Ni rwa ruhande rundi.

121 Gurtyo, mu ruhande rumwe abantu babaye abakavya maze ku rundi na rwo bagakonja kandi bakirarira. Yamara Yesaya yaravuze ati : « Hazobay'inzira y'iroro... ». Ariko abo bo mw'idini ry'Abanazareye n'abandi benshi bo muri abo bashingantahe bera bavuga bati : « Iyi nzira y'iroro nziza ya kera irahezagiwe! Imana ihabwe icubahiro, tweho tugendera mu nzira nziza y'iroro ya kera. » ariko muribuka ko atari uko nyene yavuze : » Kandi hazobay'inzira y'iroro N'inzira (akajambo « NA » ni sahwanya), iyo nzira izokwitwa INZIRA yera» ariko si « inzira y'iroro » yera.

122 « Inzira y'iroro yera », ivyo bisigura yuko abantu ubwabo bagerageza kwigira abera. Kandi iyo mubikoze, nk'uko namaze kubivuga, ni nk'ikinyamwanira cogerageza gushazisha amubi y'inuma kugira ngo cihindure inuma, kandi akameremere kaco kagumye ari ak'ikinyamwanira; canke nyene ni nk'igikona cogerageza gushazisha amubi y'inuma canke ay'inyoni yitwa paon maze kikavuga kiti : « Ehe ukuntu ndi inyoni nziza! »

Kiba ari ikintu c'igikorano. Ariko inyoni yitwa paon yo ntishobora kwitwararika ko izomera amubi yayo canke itazoyamera. Inuma ntiyiririrwa yitwararika ko izomera amubi y'inuma canke itazoyamera. Igihe cose akameremere

kayo ari ak'inuma, izogira amubi y'inuma. Yamara hariho abantu batanguye kuvuga bati: « Abagore bategerezwa kugira imishatsi miremire n'impuzu z'amaboko maremare » n'ivyo bindi vyose, ...« Amajipo maremare, kandi ngo ntibazigere bambara impeta na rimwe canke ibisharizo ivyo ari vyo vyose. » Ivyo biba ari ukwera bishiriraho; ni ukwera bikorera. Ariko Ishengero ry'ukuri ry'Imana Nzima ni...

123 Nimurabe ivyashikiye amadini. Ubu abagore bose barimosha imishatsi co kimwe n'Abapentekote n'abandi, kandi hafi ya bose bambaye impeta n'ibindi bisa n'ivyo.

Nimurabe Abapentekote bo mu myaka ishize ukuntu baguma basubiramwo aya majambo urudaca, ngo : « Twebwe ishengero, twebwe ishengero. » Ishengero ni Umubiri wa Kristo. Ni umuntu umwe mu bandi, yavukiye mu Bwami bw'Imana. Ivyo biva imbere muri we. Birizana.

124 Intama ntimuyisaba ngo: « Kora ubwoya. »; intama ntiyirirwa irakora ubwoya bwayo. Ntiyirirwa iravuga iti: « Oh! Databuja akeneye ko nomera ubwoya muri uyu mwaka. Ntegerezwa gutangura kubukora. » Oya! Ikintu kimwe gusa itegerezwa gukora ni ukuguma ari intama. Ni ivy'ukuri. Ubwoya buzizana.

Ntidusabwa gukora ivyamwa; dutegerezwa kwama ivyamwa, kwera imbuto, murabona? Turiho kugira ngo twere imbuto. Mu gihe twoba turi igiti cera imbuto z'Imana n'Ijambo ryayo, iryo rizokwishingira intahe ubwaryo. Kizokwama cera imbuto mu gihe cose Ijambo rizoba ari ho riri.

Yesu yaravuze ati: « Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebwe musabe ico mugomba cose, kizobabera kuno. » Si ivyo mukora, ntimwihata ngo muvyame, bisanzwe biri ngaho. Vyama bibandanya.

Ubu rero twihute; dusigaranye iminota mike gusa duce duheza.

125 Abandi na bo bageza n'aho bakavya. Baca bagwira rero ku rundi ruhande; bakibaza ngo kuko basimbagurikira hirya no hino, kuko hari ivyo biyumvamwo n'uko basisimuka, ngo kuko bavuga mu ndimi canke bavugishijwe ibintu bigashika, canke kuko bakora ibindi bintu bisa n'ivyo, baca biyumvira rero ko bashitse : koko hari ico baronse, ariko si ikintu c'ukuri.

Yesu yaravuze ati: « Benshi bazombwira kuri wa musi, ngo Mwami, Mwami, ntitwavugishwa n'Imana mw'Izina ryawe, ntitwasenda abadayimoni mw'Izina ryawe, ntitwakora ibitangaza vyinshi mw'izina ryawe? Azobishura, ati : « Nta ho nigeze mbamenya mviraho. » Kuko batari bafise ikintu c'ukuri, bagenzi nkunda! Icabitumye ni ico.

Mbega kuvuga mu ndimi ni co kimenyetso? Ndizera ivyo kuvuga mu ndimi ariko sinemera ko ari co conyene kigaragaza Mpwemu Yera. Oh, oya! Ivyamwa vya Mpwemu ni vyo bimugaragaza.

Murabona, ni co gituma ntumvikana n'idini ry'Abapentekote iyo bavuga bati :

« Iyo umuntu avuze mu ndimi aba afise Mpwemu Yera. » Ivyo sindavyemera : Ico si co kimenyetso cerekana ko afise Mpwemu Yera. Narumvise abadayimoni bavuga mu ndimi banyarutsa, hanyuma bagaca banywera amaraso mu gahanga k'umuntu maze bagaca bambaza umurwanizi.

126 Narabonye Abahindi bafata inzoka maze bakazizingirako bariko baratambira imvura, hariya muri Arizona, bamanitse amaboko yabo hejuru gurtya kandi bakaguma biruka bazunguruka. Narabonye umupfumu yicumagura agaca arambika hasi ikaramu y'igiti na yo igaca itangura kwiyandikisha ubwayo mu rurimi rutamenyekana, hanyuma agaca arusobanura. Gurtyo rero namwe ntimukambarire ivyo bintu, kuko ndabirengeyeye cane.

Ivyo Mpwemu yama ... Yesu yaravuze ati: « Muzobamenyera ku vyo bama » (atari ku vyo kuvuga mu ndimi kwabo canke ku vyo gusisimuka kwabo!) ariko ngo: « Muzobamenyera ku vyo bama. » Ni ivyo Mpwemu yama.

Ni Imana yihishura mu kwicisha bugufi no mu bugwaneza kandi na ntaryo yama ari ya yindi. Umuntu aguma ahagaze neza nk'uko Ijambo rivuga, aba arimwo ikintu kidasanzwe; igihe cose yumvise Ijambo aca ariterako igikumu ati: « Amen! » atarinze kwibaza ivyo abandi bavuga. Murabona, ni kubera ko aba aryizera.

127 Ariko dushitse ahantu bamwe bashingiye ku gukavya maze Satani akanyengetera mu bantu (ni igikorwa ca Satani kandi aragishoboye bikomeye!). Yinyegeteza hagati y'abantu kugira ngo abatere kwiyumvira ngo kubera ko bashobora gusimbagurikira hirya no hino, ngo barashitse kandi banka bagenzi babo.

Oya. Nimwibuke ko mushobora kuvuga mu rurimi rwa Mpwemu Yera w'ukuri yamara ntimube mufise Mpwemu Yera. Bibiliya ni yo ivuga iti : « Naho novuga indimi z'abantu n'iz'abamalayika, ariko ntagira urukundo, noba ncitse umuringa uvuga, canke icuma kivuzwa kigasama. » (1 Kor. 13 :1). Murabona, ntibihagije.

128 Abametodiste bavuga bati: « Iyo tuvugije akamo, tuba twamuronse. »

Abanazareye bavuga ko iyo babayeho ubuzima bwejejwe ngo baba bamufise; ariko ntibagira na mba! Abapentekote bavuga bati: « Iyo tuvuze mu ndimi, tuba twamuronse », ariko ntibaba bafise na mba! Imana ntiyihishurira mu vyo biyumvamwo, n'ubwo ivyo bibaho. Murabona aho bahagaze? Ikora ibintu vyose mu buryo buciye bugufi cane gushika aho uwo ari we wese ashobora kubibona, mugabo atagerageje kwinjizamwo impwemu yiwe bwite canke ivyiyumviro vyiwe bwite. Ni Imana.

Hariho abacitse akarwi k'abakavya. Ku ruhande rumwe hariho abakongatariye mu Vyagezwe, ku rundi na rwo hakaba abakavya ariko Umugeni We, ivyo vyose abicamwo adahushagirika. Imana igenda ishingisha intahe Ijambo ryayo.

Ubu ngira nsimbe imirongo nari nanditse hano kuko umwanya wanje ugira urangire kandi ngomba nyarutse uko nshoboye kwose.

129 Uhereye mw'itongo rya Edeni n'uko imyaka yagiye ikurikirana vyari

vyaravugishijwe ko Mesiya azoza. Ntegerezwa gusimba bimwe bimwe nari nanditse kugira ngo nshobore kurangiza ubu butumwa ku gihe. Imana yihisha mu biciye bugufi. Ngomba mvuge nyarutsa ariko n'aho biri uko noshima ko mwotahura ico ngira mvuge.

130 Uhereye mw'itongo rya Edeni vyari vyaravugishijwe ko Mesiya azoza kandi uko uwo Muntu azoba ameze vyari vyarabuwe. Twoshobora kurandira kuri ivyo. Murazi ko Bibiliya idondora uko azoba ameze, uko uwo azoba ameze. Mose yaravuze ati: « Uhoraho, Imana yanyu azobahagurukiriza uvugishwa na we ameze nkanje. » Bari bazi rero ko uwo Mesiya azoba ari uwuvugishwa n'Imana n'ubwoko bw'igikorwa azokora. Abavugishwa n'Imana bose baravuze ku vyo azokora. Ivyo babivugako mu bigereranyo maze bamwe vyarabasiga abandi bakabikengera. Igihe yatangura igikorwa, ubwoko yari yatumweko bari bamaze kugira mu mitwe yabo insobanuro zabo bwite z'ico yategerezwa kuba.

131 Bibiliya ntiyigera ihinduka. Bibiliya yama ari ya yindi. Ni co gituma mvuga ico Ivyanditswe bivuga kandi nkacumirako. Ngo « Bibiliya ntikwiye gusobanurwa uko umuntu yigombeye. » Ni co gituma mwebwe, mwa Bametodiste, mwa Babatiste, mwa Bapentekote, ntimukagerageze gushiramwo insobanuro yanyu bwite muvuga muti: « Ibi ntibishaka kuvuga ibi; ibi ahubwo bigomba kuvuga bino. » Neza na neza igomba kuvuga gusa ico ivuga.

132 Umuntu umwe yaravuze ati: « Twoshobora dute...? » Gute? Nta co ndabiziko, si ahanje kubivuga; Imana ni Yo ivyitwararika. Ni Yo yabivuze, si jewe, kandi izokwitwararika abayo.

Yamara ukuza kw'uwo Mesiya kwari kwaravugishijwe. Abavugishwa n'Imana baravuga batomoye ukuntu azoza n'ico azokora ni yaza. Maze aje abantu yabasanganye insobanuro bisangije. Ariko aho Mesiya yaza, yaje mu buryo buciye bugufi cane ku buryo ishengero uko ringana ryose ryabitsitayeko. Mbega n'ukuri? Hariho abantu bari bigishijwe ko atawushobora kuba umwigisha canke umuherezi kiretse uwukomoka mu muryango kanaka, ari wo wa Lewi. Nimwibaze rero! Sekuruza wa sekuruza wa sekuru wabo yari umuherezi yama ari mu rusengero ijoro n'umurango, yumiye kuri iryo jambo nk'uko bimeze ku mupatiri canke umupasitori. Uko ni ko ukubisikanya mu gikorwa vyamye bigenda bikurikirana mu mashengero amwe amwe uko urunganwe rwagiye rukurikirana. Ngo: « Sekuruza wa sekuruza wa sogokuru yari umusenyeri w'umumetodiste; sogokuru yari umusenyeri », n'abandi n'abandi.

133 Bose bari babayeho neza mw'Ijambo, ariko bakurikiye inzira biciriye bo nyene. Kandi abana babo bari baravyemeye nk'uko ba se bari barabibigishije, kugeza igihe ba se bashize inyigisho yabo kure y'inzira y'ukuri; maze baca bayikoramwo idini ku buryo n'igihe Mpwemu yagerageza kuberaka Ukuri batashoboye kukwakira. Ukwo ni na kwo bimeze uno musi.

Singomba gukara ariko ukwo ni ukuri. Ni ko bimeze n'uno musi.

Baradadika ibintu kubwo inyigisho zabo. Nk'uko vyavuzwe ngo : Imana ntigira abuzukuru. Ivyo mwari mubizi? Imana ifise abahungu n'abakobwa, ariko nta buzukuru ifise, baba abahungu canke abakobwa. Umuntu wese ategerezwa kwiyishurira kandi mutegerezwa guca mu nzira nk'iyo so yaciyemwo.

134 Vyose vyari vyoroshe cane. Uwo Mesiya yari yiyoroheje cane. Haheze imyaka ibihumbi bine abavugishwa n'Imana bose bavuga ivya Mesiya. Dawidi yarabiririmvye be n'abakurikiye bose ariko igihe yaza, abantu bari bamaze kwishiramwo iciyumviro cabo bwite c'ico yategerezwa gukora n'ico azokora; vyose vyaramaze gusigurwa, inzira ziwe zari zaramaze gucibwa n'ibindi n'ibindi, ku buryo igihe yaza mu nzira yiyoroheje vyukuri, vyatumye tewolojiya yabo icika ubusa. Ntibamumenye. Yamara yari yaje ahuje n'uko Ijambo ryavuga.

Uwizera ko Imana yavuze ibicishije mu bavugishwa na Yo, ivuga ko Mesiya azoza mu bundi buryo? Ndababajwe n'uko ata saha tugisigaje kugira ngo nsigure neza uko ivyo vyagenze; ariko benshi mu bari muri twebwe turazi uburyo Imana yari yavuze ko azoza. Ngo: « Ariko wewe, Betelehemu mu ntara ya Yuda, nturi mutoya... » Uhereye aho Bibiliya itangurira ukageza aho igarukiriza, ivuga ico Yesu azokora n'uko nyene azogikora.

135 Vyari vyoroshe, ariko abo bahanga karuhariwe mu bwenge bari barabivangavanze ku buryo baciye bamuyoberwa! Ariko murazi ko Yesu ataje mu buryo bunyuranye n'Ijambo; yaje ahuje n'uko Ijambo riri ARIKO YAJE ANYURANIJE N'INSOBANURO ZABO. Yigishije yivugako ibintu vyari bitandukanye n'ivyo Ekeleziya yari yarabigishije.

Nk'akarorero, baravuga bati: « Igihe Mesiya azozira, nta nkeka ko azoza mu rusengero avuga ati : “Ndashitse Kayafa (canke izina ry'uwuzoba ari umuherezi mukuru muri ico gihe. Azoza aherekejwe n'ingabo z'abamarayika bangana n'imiliyoni cumi).“ » Maze Imana izovuga iti: « Ni vyiza cane! Bagenzi banje bo kuri ino si, vyukuri muri ishengero rihambaye. Muri abantu banje. Ngira nzungurutse amaburo kugira ngo nururutse icuririzo kiva mw'Ijuru. Ndabarungikiye Mesiya muri kino gitondo. Aja gushikira neza na neza mu ntangaro y'urusengero. » Maze rero abantu bose baze kumusanganira bavuga bati: « Wewe mwigisha kanaka, nawe mwigisha Kanaka, nimuje imbere kugira ngo abe ari mwebwe mutangura kumwakira. »

136 Kumbure uno musi biyumvira ku bintu nk'ivyo nyene. Ivyo bisa n'ibitwenza ariko ndiko ndagerageza kwisigura mu buryo butomoye. Bati : « Uku ni kwo ategerezwa kuza, kandi ataje muri ubwo buryo, ntibizoba ari vyo, azoba ari Antikristo. Ataje neza na neza muri ubwo buryo, azoba ari Antikristo. Ni co gituma atazoza ukundi kiretse muri ubwo buryo. Hazobaho ibirori bigizwe n'abamalayika bashika nk'imiliyoni cumi n'inzumbete zabo maze bazokwururukira mu ntangaro

y'urusengero, aho Salomo yubatse ya Ngoro, kandi hano vyose bizoca binyiganyizwa, aha hantu hera aho abera n'abanyabwenge bapfiriye. » n'ibindi n'ibindi.

137 Ego, Yesu yaravuga ati: « Mwa ndyadya mwe! Mwa bana ba wa murwanizi mwe! Murashariza imva z'abavugishwa n'Imana kandi ba so ari bo bazibashizemwo. » Ni ivy'ukuri! « Ni abagororotsi bangahe be n'abavugishwa n'Imana babatumweko yamara mukaba mwarabaciye amazosi bose? » Ariko abo yita abagororotsi bo, babita abakavya n'abasazi. Ego, bari biyumviriye ko bizoba birtyo.

Ariko yashikiye mu ruhongore, avyawe n'inkumi, agira se w'umurezi yari umubaji asanzwe, nyina na we akaba yari inkumi itari izwi, atari umukobwa w'umuherezi mukuru. Abo bantu baba hariya i Nazareti, muri iyo ntara igayitse. Yosefu yari yarapfakaye. Umugore wiwe wa mbere yari yarapfuye. Yari afise abana yamuvyayeko. Kandi Mariya na we yari akowe na Yosefu. Gurtyo, Mesiya yaje mw'isi afise agasembwa kw'izina ryiwe. Bavuga ngo yari umwana w'ikivyarwa.

138 Oo, ivyo vyarabatsitaje cane mu nyifato yabo nziza. Imigenzo yabo ntiyashobora kuvyihanganira. Insobanuro yabo y'Ivyanditswe nta na kimwe yari izi kuri ivyo vyose yamara kandi vyari UKU NI KO UHORAHO AGIZE. Oh, bene Data! Iyo ndavyiyumviriye ndahinda agashitsi, mbonye ko ibintu bisa n'ivyo bisubiriye kuba. Imana ntishobora guhindura. Oh, isaha zitandatu ziramaze gushika? Mbega mpagarike canke mbandanye? Ndibaza ko mushobora kurindira akandi kanya gato. Ndiko ndashiraho urufatiro rw'ubutumwa buzokurikira kandi ndaja kugerageza kubarekura mu minota cumi canke cumi n'itanu iri imbere. Imana ibahezagire!

139 Gurtyo rero vyari vyoroshe kugeza n'aho bahushije gato intumbero ariko ivyo vyashitse kw'Ijambo. Yaje neza na neza nk'uko yari yarabivuze, ariko insobanuro yabo y'ukwo kuza ni yo itabaye yo. Insobanuro batanze mu gihe ca Mose ntiyari yo. Insobanuro yatanzwe mu gihe ca Nowa ntiyari yo, ariko Imana yaje nk'uko Ijambo ryayo ryavuga.

Uko ni ko Yesu yaje, kandi inyigisho yiwe yari inyuranije n'iyabo. Ngo: « Ni waba uri Mesiya kora iki na kiriya. Ni waba uri Mesiya niwimanure ku musaraba kandi ubitwereke ubu nyene! » Imana ntijajura kugira ngo inezereze abantu; Imana ikora ibintu vyiza kandi bigororotse gusa.

140 Bibaza ko umuntu nk'uwo yoje aherekejwe n'isinzi ry'ingabo z'abamalayika ariko yashikiye mu ruhongore rw'inka. Bakurikije iterambere bari bagezemwo, vyari bisuzuguritse ku muntu buntu kwiyumvira ko Imana Ishobora vyose, Yehova w'ubwiza n'ububasha nyene isi kandi yaremye ibintu vyose itashoboye gutegura aho umwana wayo bwite azovukira heza cane kurusha mu ruhongore rurimwo umurundo w'amase.

None ivyo vyabaye kubera iki? Imana mu biciye bugufi! Ico ni co catumye iba ihambaye cane. Inyifato bakuranye ntiyabakundira guca bugufi kugeze aho. Ntiyari gushobora kuvyihanganira, ariko Imana irahambaye cane ku buryo yicishije bugufi gushika aho. Nta n'uduhuzu twabonetse two kwambika Umwana wayo bwite. Ivyo nimuvyiyumvireko! Ku b'isi... Nta kibanza cariho mu mahoteli maze aca aja mu ruhongore rw'inka, ubwoko bw'akabandahori kari ku mpinga y'umusozi; kandi aho nyene, ku carire ni ho Umwana w'Imana yavukiye.

141 Oo! Cari ikintu kinyuranye n'ayo makoraniro yandi. Ngira bamubonye afise inda hasigaye amezi menshi ngo yabirwe. Yari arindiriye ikibondo kandi n'abantu barabibona, baramenye ko uko ari ko biri. Yamara Mariya mu mutima wiwe bwite yari azi ibiriko biraba. Yosefu we, ntiyari yatahuye ariko Umumarayika w'Uhoraho aca aza kuri we igihe kimwe mw'ijoro maze aramubarira ati: « Yosefu, mwana wa Dawidi, ntutinye kurongora Mariya umugeni wawe, kukw'atwaye inda ya Mpwemu Yera. » Ikibazo cari kirangiye.

142 Uwo mugabo Yosefu, yari afitaniye ubumwe n'Imana ku buryo Imana yashobora kuvugana na we. Ariko uno musi twaratekewe rwose mu myambaro yacu y'idini ku buryo ata muntu n'umwe yogira ico atubarira atari uwo mu mirwi turimwo. Singomba kuba umuntu ahambara rwose canke ngo mbe mudakurwa kw'ijambo, kandi sinongera kubivugako ubu ariko muratahuye ico nshaka kuvuga.

143 Nimurabe. Kuri bo uruhongore rwari rusuzuguritse! Nta n'inkuru dufise itumenyesha ko Yesu yoba yarigeze aja kw'ishure n'umusi n'umwe ariko yamara amaze imyaka cumi n'ibiri ari agahungu gato, yaratangaje abaherezi bo mu Rusengero kubwo ubutumwa bwiwe. Oh, bene Data! Ivyo vyari ibiki none? Yari Imana yihishije. Ivyo binyongeye umwete. Ubu nyene!

Imana yihisha mu ruhongore. Imana yihisha mu kana gato! Murabibona?

Ariko naho biri uko nimwitegereze icaciye gishika haciye igihe gito. Igihe yari

atanguye kuja mu mabarabara, nta gukekeranya ko abavyeyi babariye abana babo bati: « Ntukine n'ako kana, ntihagire ico muhurirako : nyina ni Maraya karuhariwe,

ako kana kavutse nyina ataraja ku mugabo; ntukine na ko. »

144 Ivyo abo hanze bibaza vyose nta co vyari bitwaye, Mariya we ivyo bintu vyose yaguma abirimburako. Mariya na Yosefu bari babibitse mu mitima yabo. Bari bazi ko ataco bari bashoboye kuvuga. Rimwe na rimwe Imana iravugana n'abayo iti: « Mugume mwihoreye, ntihagire ico mubivugako. »

Mu bikorane vyanje narabonye abantu bavuga bati: « Namba uri umukozi wa Kristo, urazi ko hari ikiriko kirabera harya. » Nta nkeka mba ndabizi! Ariko nogira gute iyo imbariye iti: « Guma wihoreye, ntihagire ico ubivugako. »

145 Naciye nzana uwo muntu aha kugira ngo ndamwereke agakaye nari nanditsemwo ivyo nari naravuze mu myaka myinshi irangiye. Yaciye avuga ati: « Sinashobora kubitahura! »

Navuze nti: « Ivyo urabibona? » Kandi nari naravyanditse kuva kera. Vyose vyashikijwe nk'uko vyari vyaranditswe. Benshi bari barashoboye gusoma muri ico gitabo aho navuga nti: « Ivyo bizoshika kandi bizoba mu buryo ubu n'ubu. » Yarishuye ati: « Na none! Ni ukubera iki ata co wabivuzeko rero? » Ni uko vyategerezwa kumera uko nyene!

146 Kandi Yosefu yari azi ivyo ari vyo. Yari azi nyene ico kibondo uwo ari We. Na Mariya nyene yari azi Nyene Co. Yesu yari azi Se uwo ari We. Yavuze iki? Ati: « Ntegerezwa gukora ibikorwa vya Data. » Ntikwari ugusatura imbaho canke gukora urugi, ariko ni ugukora ibikorwa vya Se. Yarababariye ati: « Ntimwari muzi yuko bikwiye ko mba kwa Data? »

147 Baciye bibaza rero ko ako kana k'akajoreza kari isigabwenge, ikintu giteye amakenga nk'uko umwana w'ikivyarwa wese yomera. Ariko yari Imana yihishije. Nimwumve. Imana yihisha mu kintu ab'isi babona ko canduye, cononekaye, kitemewe. Murabona, Imana yihisha mu kubora kw'urubuto rupfuye kugira ngo havemwo ubugingo. Ivyo murabitahura?

Imana yihisha mu muyaya asanzwe canke muri umwe muri abo basanzwe bagenda ku kazi batekeye utwo kurya bamaze gusezera umugore n'abana. Ego, irashobora kwihisha mu muntu nk'uwo kugira ngo ikore igikorwa Musenyeri mukuru atonaruha yikeka. Ntimuzomwumva avuza inzamba atarasozera igikorwa ciwe. Icubahiro cose kigaruka ku Mana, nta kindi. Abaciye bugufi baravyumva bakabinezerererwa.

148 Ukwo ni kwo Imana yihishije mu guca bugufi kw'uruhinja, yihishije mu muryango usanzwe, Imana Yo nyene. Kandi abakuru b'amadini, abantu bahambaye, abahanga, abanyabwenge karuhariwe n'abo bantu bose, ba Herodi b'ico gihe, ba Neroni, nta n'umwe muri bo yayimenye. Imana yihisha mu biciye bugufi.

149 Muri Yesaya 40 havugwa ivya Yohana Umubatizi. Vyoba vyiza tuhasomye. Reka ivyo tubifatire akanya.Yesaya 40: 1, ati: « Ni muhumurize abantu banje, nimubahumurize,... »

150 Nimwibuke ko ibi vyanditswe hagahera imyaka amajana indwi na cumi n'ibiri Yesu atarashika; Yesaya ni uwavugishwa n'Imana avuga kuvy'uwo ati : « Ni muhumurize abantu banje, ni mubahumurize, ni kw'Imana yanyu igize. Muremeshe imitima y'ab'i Yerusalemu, mubabwire musemerera yukw'intambara zaho zabangurukanye, k'umwenda w'igicumuro cabo ushize, kuko ivyaha vyabo vyose babihaniwe kabiri n'ukuboko kw'Uhoraho. Ijwi ry'usemerera, ati Ni mutegure inzira y'Uhoraho mu bugaragwa, musenere Imana yacu inzira y'iroro mu bweranyange. » (Mbega ukuntu uwo Yohana umubatizi yobaye ameze!)

151 Ubu, dusomere hamwe mu gitabo ca nyuma c'uwavugishwa n'Imana yaherukiye abandi bo mw'Isezerano rya Kera: Malaki 3: 1 « Umve ngira ntume integuza yanje indoranirize inzira imbere yanje : kand'Umwami murondera

azoshika giturumbuka mu rusengero rwiwe, ari we ntumwa y'isezerano munezererwa, eh'araje ni k'Uhoraho Nyen'ingabo agize. »

Tukibandanya kuvuga ivya Yohana umubatizi: « ... Ngira ntume integuza yanje, indoranirize inzira imbere yanje. » Yesu arabivuga muri Matayo 11: 10, ati: « Uyo ni We yanditswe, ng'Umve ngira ntume integuza yanje imbere y'amaso yawe. » Ukwo ni ukuri.

152 Mbega ukuntu ari vyiza cane kubona ukuza kw'integuza ya Mesiya kuburwa imbere y'imyaka amajana indwi ataraza, ariko igihe yatangura igikorwa muri uko kwicisha bugufi ntibamumenye. Ntibamumenye. Nimwibuke ko yari umwana w'umuhererezi. Ese ukuntu vyari bisuzuguritse kuri we kubona atigeze aja mu bikorane birongowe na se canke akaba atagiye no muri seminari; yamara igikorwa ciwe cari kibirengeye cane.

Amaze imyaka icenda, yaciye aja mu bugaragwa hanyuma avayo aja kuvuga ubutumwa. Ariko ntibabitahuye. Yari aciye bugufi cane, aciye bugufi cane rwose ku buryo indero yabo ihinyanyuye itashobora kubakundira kwizera umuntu nk'uwo. Igihe uwo muntu yaza, biyumviriye bati: « Bimeze gute kuri bimwe vyavugishijwe ngo: "Umusozi wose uzoringanizwa; akabande kose kazokwuzuzwa; inzira ziharuye zizosenwa? "» Dawidi we, yaramubonye avuga ati: « Imisozi izokwikina amatavu nk'impfizi z'intama kandi ibiti bizokoma amashi. »

153 Ivyo vyarashitse? Umutama umwe w'ubwanwa bwinshi n'urushatsi, atize, yambaye urusato rw'intama, aza ava mu bugaragwa bw'i Yudaya adandabagirana, avuga ati: « Nimwihane kuko ubwami bwo mw'Ijuru buri hafi. Na mwebwe mwa bana b'inzoka mwe! Ntimwiyumvire ngo: "Ndi uwo mw'idini kanaka. Imana aya mabuye ishobora kuyavyuramwo abana ba Aburahamu. " »

Bati: « Ni ukuri si we. Turazi ko atari we. » Ariko yari we! Yariko araringaniza inzira. Aho rero ni ho inzira ziharuye zasenwa, imisozi ikaringanizwa. Ngo « Ntimwiyumvire muti: dufise Aburahamu nka Sogokuruza; ntimuze kumbarira ibintu nk'ivyo, kuko muri aya mabuye Imana ishobora kuvyuramwo abana ba Aburahamu. » Imisozi yaciye iringanizwa! Oo, Imana ihabwe icubahiro! Ego, ni ivyo. Murabona itandukaniro?

154 Yari yaravuze ko ari vyo bizoshika. Yamara igihe yaza baciye bibaza bati: « None rero!... » Bari biteguriye kumwakira koko iyo aja gushikira mw'idini ryabo. Ariko kuko yaje mu buryo buciye bugufi cane (n'aho yaje ashitsa Ivyanditswe, ahantu hakirurutse hagasenwa), ntibashatse kumwakira.

Oo, yo! Mbega imvugo yakoresha mu kubabarira! Yarabahungabanije bikomeye! Yarababariye ati: «Mwa bana b'inzoka mwe! Mwa ncarwatsi mwe! Ndabibabwiye, incabiti igenekerejwe ku bitsina vy'ibiti; igiti cose kitama imbuto nziza kizocibwa gitabwe mu muriro. Jeho ndababatiza mu mazi, ariko Uwuzoza hanyuma yanje andusha ubushobozi. Azobabatiza muri Mpwemu Yera no mu

muriro. Urutaro ruri mu kuboko kwiwe. Azokubura imbuga yiwe kandi yimburire ingano ziwe mu kigega maze umuguruka awuturire! »

Aho rero ni ho inzira ziharuye zasenwe, ariko n'aho vyari bihuje n'Ijambo, abo abantu ntibabiciye n'ikanda. Neza na neza nk'uko Ijambo ryari ryarabivuze, vyari biciye bugufi cane ku buryo batabitahuye. Baretse kubitahura babiraba. Ntimukabe impumyi gushika aho! Ntimukabe impumyi gushika aho!

155 Nimwumve rero. Barahushije. Yari aciye bugufi cane tugereranije n'uko biyumvira uko umuntu nk'uyo yobaye ameze bica bituma bamuyoberwa. Reka nsubire irindi rimwe, vyagenze gute? Imana ari Yo Jambo yari yihishije mu biciye bugufi atari mu muherezi yambaye umwambaro, yize araminuza.

Igihe abigishwa ba Yohana baja kuri Yesu yarababajije ico kibazo nyene, ati: « Mwagiye kuraba iki? Mwagiye kuraba umuntu yambaye impuzu z'abaherezi canke impuzu z'agaciro? Mwagiye kuraba umuvugabutumwa nk'uwo? Ivyo ni vyo mwagiye kuraba? » Oya!

Yarababwiye ati: « Mwene abo bavugabutumwa, basomagura abana, bagahamba abapfuye. Ntibazi ikintu na kimwe ku Nkota y'ubugi bubiri iri ku rugamba. Baza bava mu mihari imwe imwe bitirira urukundo bavuga amajambo y'akenge; aho bahamererewe neza, ariko iyo hageze ko baja guhangana n'urukamvye, nta bubasha na bukeya basubira kuronka. Bidibamiye mu ngoro z'abami. Barakunda ivyubahiro nk'ivyo ». Hanyuma aca aravuga ati: « Mwagiye mu bugaragwa kuraba iki? Mbega n'irenga rihungabanywa n'umuyaga? Umuntu ya... » Hari uwuzovuga ati: « Uri mw'idini y'Abanyabumwe, ariko ni waba ushaka kuza mu Makoraniro, tuzokora ibi na birya.

156 Ni waba ushaka kuba Umusadukayo atari Umufarisayo... » Oya, bene Data. Yohana we, ntiyari irenga rihungabanywa n'umuyaga. Habe na mba. Ntiyari ryo. Ati: « None rero, mwagiye kuraba iki? Uwuvugishwa n'Imana? Yategerezwa kuba uwuvugishwa n'Imana kugira ngo akore nk'uko. Cari ikimenyetso cerekana ko yari uwuvugishwa n'Imana. Ijambo ry'Imana ryari muri we. Ijambo riza ku wuvugishwa n'Imana. Yavuze ati: « Ariko mwajanywe no kuraba iki? Umuntu avugishwa n'Imana? Ego me ni co; kandi ndababwire, aruta uvugishwa n'Imana cane. » Ni kubera iki yaruta uwuvugishwa n'Imana cane? We yari intumwa y'Isezerano. Nta nkeka. Uwo ni we yashizeho ikiraro hagati y'ivyagezwe n'ubuntu. Ni we gisanganya yari yaravuzwe. Yesu yavuze ati: « Ni mwaba mushoboye kuvyakira, uwo ni we uwavugishwa n'Imana yari yaravuze (Malaki 3), ati: « Ng'Umve, ngira ntume integuza yanje imbere y'amaso yawe, ikuroranirize inzira imbere y'amaso yawe. »

Yari aciye bugufi cane. Nongeye kubivuga: Imana yihisha mu biciye bugufi.

157 Nimwihweze rero ico yakoze. Yavuze ubutumwa ku vyo Ukuza kwa Kristo Umunyenkomezi. Ngo: « Afise urutaro mu kuboko kwiwe kandi ngw'azokubura

imbuga yiwe. Azokubura neza imbuga yiwe; azokubura hasi. Azokwegeraniriza ingano ziwe mu kigega kandi umuguruka azowuturira. »

Nimurabe, yari yarahumekewe. Ariko igihe Yesu yaza, bose, n'intumwa na zo nyene, bari biteze ibintu bikomeye. Bati: « Ng'uyo araje! Mbega ibintu vy'akaroruhore azokora! Azoba Umunyabushobozi. Abaroma bose azobaherengeteza. Ni yaza azotandukanya Abagiriki n'Abaroma bamwe bose ku ruhande rwabo. » Yamara igihe yaza yari umuntu muto aciye bugufi, yiyoroheje yasuzugurwa hirya no hino. Vyari ibiki? Yari Imana yihishije mu biciye bugufi. Eh, bene Data!

158 Hanyuma arangije kuvuga Ubutumwa yaciye ahaguruka aravuga ati: « Ni nde yonyagiriza icaha? Bibiliya yose idondagura ibikorwa nategerezwa gukora : ni naba ntakora ibikorwa vya Data, nimuncireko iteka; ariko n'ibikorwa ki Ivyanditswe vyari vyaravuze ko nzokora nkaba ntabikoze? Mbega murazi ko icaha ari ukutizera? Ni nde yonyagiriza? Nama nsendesha amadayimoni ukuboko kw'Imana, none rero namwe, nimunyereke ico muriko murakora! »

Uguca bugufi. Yaremeye arapfa, yamara oh! Muri ca gitondo ca Pasika, yaciye akubura ivyatsi n'umuguruka, bene Data! Ego, vyukuri! Ingano na zo zica zishirirwako ikimenyetso mu kigega, ziruhukira hariya mw'ivu, zimaze kuronka ubugingo buhoraho, zirindiririye mu buruhukiro wa musi uhambaye wo kuza kw'Umwami uwo tugiye kuvugako. Kandi ubwo buzima buzohabwa Ubugingo maze tuzoca duhaguruka muri iryo zuka, duce tuduganwa na We mu bicu maze twegeranirizwe mu kigega. Ni ho rero ibikumbi bizoca biturirwa, igishishwa carimwo urutete kandi cahora kigerageza kurutwara hirya no hino kizoca giturirwa mu muriro utazima. Amen! Oo, mbega si igitangaza? Ariko ntibababimenye. Imana yari mu biciye bugufi.

159 Ni kubera iki ivyo batabimenye? Ni uko Yohana atigeze avuga ubutumwa akoresheje amajambo y'idini. Ntiyigeze avuga ubutumwa nk'umuvugabutumwa. Yakoresheje amajambo yo guca bugufi kw'Imana nka : « incabiti iri... », amajambo nka : « igiti » canke « inzoka ». Atari nk'uko umwigisha wa Seminari avuga, nk'abanyekeleziya b'iki gihe cacu, nk'abigisha ba tewolojiya, canke umwigisha akomeye kanaka. Ivyo si vyo yakoze. Yavuga ubutumwa nk'umuntu w'ikinyeshamba. Yavuga ivy'incabiti, ivy'ibiti, ivy'inzoka n'ibisa n'ivyo, ivy'ingano n'ivy'ikigega... Ndibaza ko bamufata nk'umwe wo muri abo bavugabutumwa bo mw'ibarabara. Ndibaza ko muri ico gihe babita ngo ni abavugabutumwa bo mu mahwane y'inzira, ariko we yihagararira ku gishitsi c'igiti, hariya hafi ya Yorodani. Imana mu kwicisha bugufi yihishije ubwenge bw'isi.

160 Yesu yaravuga ati: « Ndagushima Data kuko wabihishije abanyabwenge n'abahanga, ukabihishurira inzoya, abipfuza kubimenya. » Imana yari yihishije mu kwicisha bugufi muri Kristo. Imana yarihishije mu guca bugufi muri Yohana.

Nimuvyibazeko. Imana mu kwicisha bugufi yihishije ubwenge bw'ab'isi.

Ubu tugiye kurangiza mu munota umwe canke ibiri kuko singomba kubatevya cane.

161 Tubanze duhagarare akanya; nagomba ndababwire ikintu kinyerekeye. Nimwiyumvire igihe turimwo, aho Imana yamanukiye ahantu haciye bugufi hiyoroheje aho twama turi, igakiza abarwaye mu gihe ubu abatunzi, abikakisha be n'abahanga bavuga bati: « Igihe c'ibitangaza cararenganye, ugukiza indwara kuva ku Mana ntikubaho. »

Muribuka ubutumwa navuze ku vyerekeye Dawidi na Goliyati, navugiye aha ku kibuga kiri aha i ruhande, wa musi nagenda? Barambariye rero bati: « Mwene Data Branham, uzogenda hariya guhura n'abantu bize amashure gute niwagenda witwaje ivyo bintu vyose? » Nca ndishura nti: « Nta co nshoboye kandi sinzi ukuntu nzohura na bo. Ariko Imana yaravuze iti: « Genda! » Ni ivyo gusa; ni Ijambo; yarabisezeranye. Igihe kirashitse.

162 Igihe uwo Mumalayika mubona kw'ifoto harya yururuka ku ruzi wa musi — mu kwa gatandatu hazoba haheze imyaka mirongo itatu avugiye imbere y'abantu bashika 5000, ati: « Nk'uko Yohana Umubatizi yarungitswe... igihe kirashitse c'aho ubutumwa bwawe bukwira isi. »

Mwebwe mwari muhari ico gihe, nimwibuke ukuntu babinebaguye. Ndibaza ko Roy Slaughter canke n'abandi bicaye aha nk'Umukenyezi wa Spencer canke George Wright bategerezwa kuba bavyibuka. Murazi ukw'ivyo vyagenze. Ariko, Imana yarabikoze? Yarabikoze. Kandi rero bamwe bamwe bavuga bati: « Nta kindi atari ugukira kwo mu vyiyumviro gusa ». Imana mu kunyishura yaciye indungikira igikoko gikuze citwa kanguru gica gikizwa n'ubwo bushobozi bw'Imana.

163 Umusi umwe, nari nicaye mu bwato, turi kumwe na Lyle Wood na Banks, hariho agafi kari kamaze isaha gapfuye kariko karareremba hejuru ku mazi; amagage n'ivyo mu nda vyari vyarandutse biserukira mu kanwa. Imbere y'uwo musi, Mpwemu Yera yari yavuganye nanje kandi yari yambariye ko azotwereka ubwiza bwiwe akoresheje igitangaza. Gurtyo rero muri ico gitondo Mpwemu Yera yaramanutse aza mu bwato maze nca ndahaguruka kugira ngo mbarire iyo fi yari imaze igice c'isaha ipfuye. Ica isubira kubaho kandi ica yigira kure yoga nk'uko iyindi fi iyo ari yo yose yoga. Ivyo bisigura iki? Ni Imana yihisha mu guca bugufi.

164 Aya mabuye Imana irashoboye kuyakuramwo abana ba Aburahamu! Imana irashoboye gukiza kanguru canke ifi canke ico ari co cose. Abantu banse kwemera ubutumwa Imana yarungitse, Imana irashobora guhagurutsa kanguru kugira ngo kabwizere. Imana irashobora kuzura umugore yapfuye, irashobora kuzura kanguru yapfuye; irashobora gukora ico ishaka cose.

Mbega agatukisha kuri uru runganwe! Mu gihe batsitara kandi bakaguma

baharira bavuga bati: « Nimukore iki! Ntimukore kirya! » Imana Yo, ica irungika agakoko gasanzwe! Mbega igikangiro! Vyari ibiki? Imana mu kwicisha bugufi, yariko irerekana ukuntu ari Nkuru. Oh, bene Data! Mbega ukuntu ikangira abantu ba runo runganwe kubera ukutizera kwabo!

165 Gurtyo, na kino gihe biyumvira nk'uko bamye biyumvira: bagomba ko bikorwa uko bo bagomba. Bavuga bati: « Aho rero ugukiza indwara kuva ku Mana ngo kurabaho! » Umusi umwe ku mugoroba, umukatolika umwe yariko arambarira ku vyerekeye Iris (murazi, uwo Iris n'umwe nari nagiye kurabira umwana w'umuhungu i Houston; ati: « Iyo ija kuba ari impano iva ku Mana, yari kuza mw'ishengero rya Katolika.»

Abametodiste bibaza ko yategerezwa gushikira mw'ishengero ryabo, abapentekote na bo bakiyumvira ko yategerezwa gushikira mu ryabo, ariko ntiyashikiye no muri rimwe ryo muri yo. Yaje mu bushobozi bw'Ukuzuka kwa Yesu Kristo. Nta nkeka ko ibikora; nimuvyihweze neza. Ivyo ntibibacike! Ivyo nimubibike mu mitima yanyu, mwame muvyibuka kandi mubirimbureko. Kuri bo, ivyo bitegerezwa kuba bihuje n'ivyiyumviro vyabo, mu madini yabo bwite, kuko atari uko biri biba bitavuye ku Mana. Biba ari ibiva mu bwenge bw'abantu, canke atari uko biba biva ku Murwanizi. Ivyo ntibiva ku Mana kuko iyo biba vyava ku Mana, vyoshitse nk'uko babigomba, ngo « nk'uko babidusobanuriye. »

166 Ku bafarisayo, uko ni ko Yesu yari akwiye kuza: uko ni ko vyari bikwiye kumera! Namba Imana yari kurungika Mesiya, bari bamaze kwigenera mu nsobanuro zabo uko yobaye ameze. Ariko, kuko yaje mu bundi buryo, ngo ntiyari akibaye Mesiya! Ngo yari ikivyarwa, ngo yari Beyezebuli. Ariko yari Imana yari yihishije mu biciye bugufi! Integuza yategerezwa kuba ari umuntu yigishijwe. Ata nkeka, uko umwaka utashe, igihe cose baba basengeye abavugabutumwa babo kugira ngo babarungike nk'abamisiyonari kurondera abanyedini, bibaza bati: « Uyu ni we azoba ya nteguza itegerezwa kuzoza.» Ariko Imana yamuzanye imukuye mu bugaragwa hatagira seminari, canke ikindi gisa n'ico. Imana yihisha mu vyiyoroheje no mu biciye bugufi.

167 Ubu rero nimwumve. Tuvuge ibi kugira turangize: gushibura ubutumwa buciye bugufi cane bw'Imana, gushibura inzira ziciye bugufi z'Imana, ni ukuranduka ibihe bidashira. Iyo twerekanye ukuntu ivyo vyose vyiyoroheje, abantu baca bibaza ko bashobora kubicokora, bakabisiribanga kandi bakabifata ukwo bavyumva, ariko iyo bakoze uko baba bitandukanije n'Imana ibihe bidashira.

Abapfuye mu gihe ca Nowa ni abatumviye Ubutumwa bwiwe: baciye baranduka. Kandi Yesu yaragiye kubabwira ubutumwa abasanga mu ngoyi z'umwiza igihe yapfa, imbere y'uko azuka. Yagiye i kuzimu kubwira ubutumwa impwemu zari ziboheweyo, z'abatihanye mu misi y'ukwihangana kwa Nowa hamwe

ubutumwa buciye bugufi bw'Imana bwari bwavuzwe n'umuntu aciye bugufi. Yaraje avuga ati: « Nowa yari yaravuze ko nzoba ndi aha, none ndaje. » Ni ivy'ukuri.

168 Ca gihe abanse kwumvira ubutumwa bw'uwavugishwa n'Imana Mose mu bugaragwa (bwari ubutumwa bwavuye ku Mana kandi bwashingiwe intahe neza na neza n'Inkingi y'umuriro yabarongora mu bugaragwa) bagatako bakagerageza kwishira hejuru bagakora idini, bararandutse kandi bose bapfiriye mu bugaragwa hasigara abagabo babiri: Yosuwa na Kalebu. Haciye igihe kirekire, Abafarisayo bari babaye impumyi cane ku buryo batatahuye ivyo bintu; bitegereje ivyashize, baca bavuga bati: « Ba sogokuruza baririye Manu mu bugaragwa », ariko Yesu aca arababwira ati: « Ariko bose barapfuye! »

169 Barabonye ubwiza bw'Imana, baragendeye mu Muco. Baragendeye mu muco w'Inkingi y'umuriro. Baragendeye mu bushobozi bwayo. Baciye ahantu Mpwemu Yera yari yabateguriye guca. Barariye Manu Imana yururukije iva mw'Ijuru, ariko barahonye bamanuka i kuzimu mu bapfuye. Bose barapfuye, kandi iryo jambo risobanura « gutandukana n'Imana burundu.» Bose barapfuye. Murabitahura?

170 Abanse Yesu bose barahonye. Muratahuye ico ngomba kuvuga? Kwanka uguca bugufi kw'Imana, si ikintu kimeze nko kuvuga gusa ngo: « Oh, nakosheje! » Ntimwoshobora kubikora muri ubwo buryo, Imana ntivyemera muri ubwo buryo: Muzoranduka burundu! Ego, tuvyiyumviriyeko twoba tugize neza; tubikoze twoba tugize neza. Bitegerezwa kugaragazwa neza n'Imana. Kandi iyo vyemejwe, riba ari Ijambo ryayo. Ni co kimwe n'abashibuye Mose, Eliya canke Yohana: baba bashibuye Yesu mu gihe cabo.

171 Ubu rero nimundeke ndababwire akantu kamwe; ndibaza ko ntabababaza cane. Umusi umwe natumweko i Houston muri Texas kugira ngo ngerageze gusabira ikigongwe inkozi z'ibibi zibiri. Nari nakoranije abantu bamwe kandi nari nababwiye ubutumwa bwari bwateguwe kugira ngo wa musore agiririrwe ubuntu be na wa mwigeme bari bitaye mu ngorane (ndibaza ko iyo nkuru mwayisomye mu binyamakuru); yari umukwe w'umushingantahe Iris.

Umushingantahe Iris ni umwe yafotora iyo foto mubona ngaha ya wa Mumarayika w'Uhoraho; yari umukatolika w'umuroma, umugore wiwe nawe ni umuyuda.

172 Igihe babirana ntibashaka guhishukana idini ry'umwe umwe. Yakorana na Ted Kipperman yari afise inzu bafotoreramwo kandi bakayogerezamwo amafoto yitwa Douglas. Ni ho yari ari wa musi umwigisha Best wo mw'ishengero rya Batiste yaforera ingumu kw'izuru rya mwene Data Bosworth ati: « Mfotora nanje! Ngomba mfate urusato rwa kano gatama maze ndarumanike mu biro vyanje rumbere icibutso c'ugukiza indwara kuva ku Mana! »

Imbere y'uko nja i Houston (Umwami yari yantegetse kujayo kandi naciye njayo mw'Izina ry'Umwami)...Murazi ivyahavugiwe n'ivyahabereye, mwarabisomye

mu dutabo. Kuri uwo mugoroba rero, mu gihe nagerageza gusa kwicisha bugufi, Mwigisha Best n'abandi baravuga bati: « Ni akarwi k'ibijuju gusa! Nta kirenze ico. Nta muntu n'umwe yoshobora kwizera gukizwa indwara ku Mana n'ibintu nk'ivyo. Ni akarwi k'abasigaye inyuma y'amajambere! »

Ntibari bazi ko yari Imana iri mu biciye bugufi. Uwo Mwigisha Best yaravuze ati: « Uwo mugabo ntiyize n'amashure y'intango! » Mu gihe we yari afise impapuro z'imitsindo zose zibaho. Yari yibaza ko bishobora kumworohera gucecekesha mwene Data Bosworth, ariko batanguye kuja kw'Ijambo, yasanze ata co azi!

173 Mwene Data Bosworth yari azi ico yishimikije. Abantu benshi bo mw'ikoraniro ryiwe bicaye aha bariko barabirorera. Uwo wundi ni ho yari, adutera amajambo mabi kandi atwita ngo turi ibijuju. Mu guheraheza aca avuga ati: « Ivyo nta bantu bafise ubwenge bavyizera. »

Kuri uwo mugoroba twangana nka 30.000. Mwene Data Bosworth aca aramwishura ati: «Mpa umunota umwe! » Hanyuma ahindukirira isinzi ry'abantu ryari aho ati: « Ni bangahe muri kino gisagara bari muri ayo mashengero akomakomeye kandi meza y'Ababatiste bashobora kwemeza bakoresheje urukaratasi bahawe na Muganga ko bakijijwe n'ubushobozi bw'Imana kuva igihe mwene Data Branham ashikiye muri kino gisagara? Nimuhaguruke! » Haciye hahaguruka amajana atatu. Aca aravuga ati: « Ivyo ubivugako iki? »

174 Ntimubona! Yari Imana yihishije mu biciye bugufi. Uwo munyabihari avuga ati: « Nimunzanire uwo muntu akiza indwara kubw'Imana, ndabe ingene agunda umuntu! Nzogaruka kuraba icavuyemwo haciye umwaka! » Maze Ted Kipperman na Iris (wa wundi nyene yari yafashe ya foto) baciye bavuga bati: « Umushingantahe Branham nta kindi akora atari ukugunda abantu. Narabonye umugore yari arwaye umwingo; yaciye avuga ko uwo mugore agiye kumugunda; hanyuma ku musi ukurikira mvuganye na we nasanze ata mwingo agifise. Uwo mugabo yari yamugunze. »

Nta kindi yakoze atari ukunsuzuguza, avuga ko nategerezwa kwirukanwa mu gisagara; ko wenyene yovyikoreye n'ibindi. Vyari vyanditswe mu ndome nini nini ku rupapuro rwa mbere rw'ikinyamakuru citwa Houston Chronicle.

Sinavuze ijambo na rimwe. Ni ho nari ndi ndiko ndakora ibikorwa vya Data kugira ngo mpagarare kw'Ijambo, nta kindi. Ni Yo yari yandungitseyo.

175 Ku mugoroba mpagurutse, naravuze nti: « Sindi uwukiza indwara ava ku Mana ». Ababivuga bari mu kinyoma; sinshaka kwitwa « uwukiza indwara ava ku Mana ». Namba iyo Mwigisha Best avuze ubutumwa bw'agakiza, atoshima ko bomwita uwukiza indwara ava ku Mana kandi na we nyene arivugira ubwiwe ko atari umukiza ava ku Mana, ariko imishishagu yiwe ni yo idukiza. Aho ni ho nshimikira. Atari uko, ni ivyiyumviro bitagira ishingiro. » Baguma bazungurukira aho bari.

Naciye mvuga nti: « Ariko ni yaba ari Imana iri hano be n'impano yayo, namba ari uwo Mumarayika w'Uhoraho muhakana, ivyo birashobora kwerekanwa! » Nko muri ako kanya nyene ni ho ka gashururu kaza. Naravuze nti: « Ubu rero singikeneye kwongera kubivugako. Yamaze kumvugira ». Maze rero nca ndasohoka.

176 Naragiye i Houston muri ca gisagara kinini, kimwe mu bisagara vyiza cane kurusha ibindi vyo muri kino gihugu. Igihe nasubirayo wa musi, cari giteye akagongwe ukiravye! Amabarabara yarimwo imyanda nk'uko nyene n'amamangazini makuru yo kw'ibarabara ryitiriwe Texas yari ameze. Narinjiye mw'ihoteli yitwa « Hotel Rice» aho abakinyi rurangiranwa b'amasinema bama bamanukana baja mu bunywero bw'icayi bwo mu nzu yo musi yo mu kuzimu. Ibimanyu vy'ipalafo vyari bikwiragiye hasi. Hose hari huzuye imyanda n'ubucafu, mbere no mu bavugabutumwa hari harimwo amadidane atigeze kubaho kandi ntari bwigere numva avugwa kuva mbaho!

Ivyo vyatewe n'iki? Kuko kwanka Umuco ari ukugendera mu mwiza. Ivyo bishira abana babo mu bapfuye. Nk'uko nyene Imana yamanutse maze ico gihe ukwicisha bugufi kukerekanwa hanyuma bakagushibura, n'ubu Imana yongeye kwigaragaza mu biciye bugufi. Barafotoye iyo foto yakwiragiye kw'isi yose. Mbere n'abahanga baramenyesheje ko, iyo foto imanitswe i Washington mu nzu y'utugenegene dushushanijwe ku vy'Imana, cari co kintu conyene kidasanzwe cigeze gifotorwa kuva abantu babaho. Ni ukwicisha bugufi kwerekanywe. Murabibona! Imana yihisha mu vyicishije bugufi, hanyuma ikiyerekana Yo nyene.

177 Yari yihishije mu rupfu rwa Kristo, ariko Yo nyene yiyerekaniye mu kuzuka n'ibindi vyakurikiye. Ivyo ntibigira iherezo. Guhakana ko umuco w'izuba ubaho, ni ukuja mu nzu yo mu kuzimu ugahumiriza kugira ngo ntubone umuco. Ni ivy'ukuri! Nimwibuke ko uburyo bumwe bwo kuba mu kinyoma ari ugutangura kwanka ukuri. Nimureke kwugurura amaso maze muzoca muba mu mwiza! Mwanse kuraba, muzobona gute? Mwiyubare ku bintu biciye bugufi! Biba ari ibintu bito bito mudakora ariko si ibintu bihambaye, bimwe mwama mugerageza gukora.

178 Muri Matayo 11: 14 havuga ngo: « Kandi ni mwaba mugomba kubitahura, uwo ni we Eliya yategerezwa kuza, ni we yarungitswe imbere yanje. » Vyari ibiciye bugufi.

Umusi umwe baramubajije iki kibazo, ngo: « None rero n'iki gituma abanyabwenge b'ivyanditswe bavuga yuko Eliya akwiye kubanza kuza? » Arabishura ati: « Umwana w'Umuntu ategerezwa kuduga i Yerusalemu. Nzoshirwa mu maboko y'abanyavyaha kandi abo bazokwica Umwana w'Umuntu. Azopfa ariko ku musi ugira gatatu azozuka.» Arongera ababwira ati: « Ibi mweretswe ntihagire uwo mubibarira n'umwe .»

179 Gurtyo (nimuvyiyumvireko!) abigishwa bari barigeze kugendana na Yohana, bari baravuganye na we, bari barasangiye na we mu bugaragwa, bari baricaranye na we ku nkengera y'uruzi, baciye babaza iki kibazo bati: « Ni kubera iki abanyabwenge b'Ivyanditswe bavuga ko Eliya akwiye kubanza kuza? » Utubariye ko uzobambwa hanyuma ukazuka; ko Uri Mesiya, ko uzoja ku Ngoma; yamara Ivyanditswe vyacu vyose bivuga ko Eliya azobanza kuza imbere y'Ukuza kwa Kristo.

Yaciye abishura ati: « Yaramaze kuza, ariko ntimwamumenye. » None abo bantu bari ba nde? Abigishwa!

180 Kumbure ko ngira mere nk'uwubabaza, ariko ni ukugira ngo muntahure neza. Abo bagabo bagendanye n‟a Kristo baramubajije bati: « Ni ukubera iki Ivyanditswe bivuga ko Eliya akwiye kubanza kuza? » Bari abo Yohana yigishije yamara ntibari bamumenye! Muratahura ico ngomba kuvuga? Abigishwa, ba bandi nyene bagendanye na Yohana ni bo babajije Yesu bati: « Ni kubera iki Ivyanditswe, ahubwo ni abanyabwenge b'Ivyanditswe, bavuga bati:‟ Eliya ategerezwa kubanza kuza imbere y'uko ivyo biba kugira ngo aroranye vyose? “» Yabigiriye abantu bashika batandatu. Nta bandi. Abategerezwa kuvyakira bari abo gusa. Abo ni bo bari baratoranirijwe kubitahura.

181 Yesu yaravuze ati: « Eliya yaramaze kuza, ariko ntibamumenye. Yamara yakoze gusa ico Ivyanditswe vyari vyaravuze ko azokora. Yaragarukanye mwebwe mwese abanyakira kandi bakanyizera. Yakoze neza na neza ico Ivyanditswe vyari vyavuze ko azokora, ariko bo bamugize uko Ivyanditswe vyari vyaravuze ko bazomugira. Yaramaze kuza, ariko ntibamumenye. » Muriteguye?

Ngomba ndababakangure gato : Izamurwa rizoba ukwo nyene. Rizoba riciye bugufi cane, nta nkeka y'uko ukwo ari kwo bizomera. Umusi umwe, izamurwa rizoba kandi nta muntu azobimenya.

182 Oya, ntimwongere guhaguruka, ariko nimubirimbureko mu munota umwe gusa. Ngira ngeze aha. Izamurwa rizoba mu buryo bwiyoroheje ku buryo bategerezwa kurindira ko vya vyago bishika maze bakabona Umwana w'Umuntu kugira ngo babwirane bati: « Mbega ibi n'ibi ntivyategerezwa gushika? Mbega Eliya ntiyategerezwa kuturungikirwa? Mbega izamurwa ntiryotegerezwa kubaho? » Aho rero ni ho Yesu azoca yishura ati: « Vyaramaze gushika, ariko ntimwabiciye n'ikanda! » Imana mu biciye bugufi!

183 Muri iyi yinga tuzoronka inyigisho zimwe zimwe zikomakomeye kuri ivyo. None rero nimwiyubare! Izamurwa niryaba, hazobaho bake cane bazoja muri uwo Mugeni! Ariko murabona ingene abize tewolojiya bavyakiriye? Baramaze kugira urutonde rw'amazina, aho berekana ko imiliyoni cumi z'abantu bazozamurwa; namba ari umuvugabutumwa w'Abametodiste abivuze, baca baba Abametodiste bose. Abaye Umupentekote abivuze, bose baca baba Abapentekote! Ntibarimwo na

mba!

Kumbure hazobaho umwe azova i Yeferesonivile, uwuzozamurwa maze ntabe acongera kuboneka; abasigaye nta na kimwe bazomenya kuri ivyo. Kumbure hazobaho umwe azova muri Georgie, umwe azova muri Afrika. Tuvuge kumbure ko hazobaho abantu amajana atanu bazozamurwa mu bazoba bakiriho. Si umubiri w'ishengero ariko ni Umugeni. Si ishengero, ariko ni Umugeni. Ishengero rizozuka rigizwe n'ibihumbi n'ibihumbi, ariko hazoba ari mw'izuka rizokurikira; ngo: « Abapfuye bandi ntibaba bazima iyo myaka igihumbi itarashira. » Ariko ku vyerekeye Umugeni, hamwe abantu amajana atanu bozamurwa bakava kw'isi muri uyu munota, isi ntiyonabimenya.

184 Yesu yaravuze ati: « ... Abantu babiri bazoba ku buriri bumwe, umwe azojanwa, uwundi arekwe. » Ivyo ni ibizoba mw'ijoro. « ... Babiri bazoba mu murima, umwe azojanwa, uwundi arekwe. » (aha ni ku rundi ruhande rw'isi). « ... uko vyari biri mu misi ya Nowa ni ko bizoba mu kuza kw'Umwana w'Umuntu. » Nimuvyibazeko! Ivyo bizoshika mu buryo bwiyoroheje bushoboka. Ubutumwa bwo gukavya buzokwiragira maze ivyo muzoca mwumva bizoba ibi ngo: « Uwo mupasitori hari aho yagiye ariko ntiyagarutse. Yoba yagiye guhiga mw'ishamba ariko ntiyabaye akigaruka. Uwo mugabo hari aho yagiye... » Ku mwigeme ho bazovuga bati: « Kumbure ko hoba hariho uwamunyuruje, hanyuma akamuta mu ruzi! » Birashika ko umuntu umwe gusa mu bantu imiliyoni ijana ari we azomenya ivyabaye. Kiretse habayeho uwuzi ivyo bintu, ni we azovuga ati: « Uwo mwigeme yarazimiye »! Nta na kimwe ntahura kuri ivyo: ntiyari bwigere agenda gurtyo.

185 None ko bavuga ngo imva zizokwuguruka! Imva zizokwiyugurura gute? Simfise umwanya wo kwishura iki kibazo nk'uko nashaka kubikora. Ndabereka gusa ukwicisha bugufi kw'Imana. Kandi iyo shwagara, uwo murago n'ibindi bishobora kuva mu bindi, ivyo bintu vyose biri muri mwebwe vyokwuzura ikiyiko bigoranye. Ni ivy'ukuri! Kandi ivyo vyose bizohinduka bibe impwemu n'ubugingo! Imana izopfa kuvuga gusa maze izamurwa rizoca riba. Nta bamarayika bazomanuka bafise ibipawa vyo kwimba imva kugira ngo bace bakuramwo ibikankara vy'amagufa. Ivyo vyose vyazanywe n'icaha. None rero ico gihe hazoca haba iki? Hazobaho umubiri musha, usa n'uwa mbere. Iyo tuba tworonse wa mubiri wa mbere twosubiye gupfa. Nta muntu n'umwe yoshobora kuvuga ati: « Imva zizokwuguruka; abapfuye bazoce bazivamwo. » Ivyo bishobora kuba vyo ariko ntizokwuguruka mu buryo tumenyereye kwumva iryo jambo. Habe na mba! Ivyo si ko bizogenda. Ni akabanga kuko yavuze ko azoza nk'uko igisuma kiza mw'ijoro. »

186 Yamara yatubariye ko hazobanza kubaho izamurwa, hanyuma vya vyago bigakurikira: ivyaha, ivyago, indwara n'ibindi. Abantu bazorondera urupfu baboroga cane kugira ngo bacike ivyo vyago bavuga bati: « Mwami, ni kubera iki dushikiwe n'ibi vyago kandi wahora uvuga ngo hazobanza kubaho izamurwa? »

Azokwishura ati: « Ryaramaze kuba ariko ntimwabimenye. » Imana yihisha mu biciye bugufi. Oh, bene Data!

Ni uko! Ati: « Izamurwa ryaramaze kuba ariko ntimwabimenya. » Ni ukubera iki abizera batizera ibimenyetso biciye bugufi vy'ukuza kwiwe? Baraciteze ivyo bintu vyose bivugwa mu Vyanditswe, ngo: ukwezi kuzokoroka maze izuba ngo rizoca ricura umwiza ku mutaga kandi ngo hazoca hashika ibintu vy'ubwoko bwinshi.

Aha ndafise ivyo nanditse kugira nerekane uko ivyo bintu biri, kandi ivyo ari vyo vyose, tuzobibona nitwamena Ibimatanije ca Gitabo muri rino yinga. Ivyo bintu bimaze gushika ariko mukaba mutabimenye. Namba Marayika w'Uhoraho yaramenye ivyo Bimatanije ca Gitabo, nimwibuke ko ivyo bimatanirijwe hamwe na ya mituragaro indwi y'ibanga.

187 Ni kubera iki abantu badashoka bizera uguca bugufi kw'umugwi w'abantu baciye bugufi canke ngo bizere ijwi ry'ibimenyetso vy'Imana? Ikibituma ni ca kindi nyene: ni uko iyo Ijambo ry'Imana nyakuri rimaze kugaragara baba bamaze gutera imbere birenze urugero kandi bakaba barize rwose ku buryo batabasha kwizera uguca bugufi kw'Ijambo ryanditswe. Baca bashaka kuryongerako insobanuro yabo bwite, bati: « Ivyo ntibisobanura uku, ivyo ntibisobanura uko. » Ego ni ivyo nyene, ivyo bisobanurwa uku n'uku! Nimunyumve. Ibi noshobora kwongera kubivuga nihuta? N'ukwerekwa Imana itangira ngaha gutahurwa nabi cane! Ni co gituma muhora munyumva mvugira ku ma kaseti nti: « Ni muvuge ivyavuzwe biri ku makaseti. Ni muvuge ivyavuzwe mu kwerekwa. »

188 Ubu namba mwikanguye koko, muraja kubona ikintu. Ndizigira ko ntakeneye kugishira mu kiganza kugira ngo ndakibereke: ng'iki! Ivyo abanyabwenge n'abahanga bizobaca mu myanya y'intoke. Iyo ukwerekwa kwahishuwe mu buryo buciye bugufi nk'ubwo, guca kurengera ubwenge bw'abantu.

Igihe kimwe ndi guhiga narereretswe ibintu kandi narabibabwiye ido n'ido; abantu barabitsitayeko. Ariko hariho intumbero itomoye yatumye Imana ibinyereka; vyari ivyo urupfu rwa mama n'ibindi bintu yariko iramenyesha bitaraba. Vyose vyashitse neza na neza nk'uko yari yabinyeretse.

189 Murabibona! Yohana Umubatizi yaraje kandi aremeza ati: « Si ndi Mesiya, ariko ndi ijwi ry'uwusemerera mu bugaragwa... » Maze rero abigishwa biwe bwite baravuga bati: « None ni kuki abanyabwenge b'Ivyanditswe bigisha y'uko handitswe ngo Eliya akwiye kubanza kuza? » Uguca bugufi kw'Imana kwama gusiga ubwenge bw'abantu.

Kubwo ubuntu bw'Imana, twongere tubisuzume, hanyuma duce turangiza.

Ubu rero tugira tuvyerekane dufashijwe n'Imana. Ndababaye kuba nabatebeje cane ariko turaja kugaruka mu masaha make.

190 Dufate ima risanzwe ry'irangi. Ikintu cose kirafise igituma kiriho. Muri kino

gitondo mwakoraniye aha mufise intumbero kanaka. Nafunguye i wawe Charly; Nelly, namba wanteguriye ivyo nfungura, vyavuye ku mpamvu izwi. Vyose birafise igituma biriho. Uru rusengero ntirwubakiwe ubusa. Nta kintu na kimwe kibaho ata ntumbero kandi ata mpamvu.

191 Dufate iri ma ry'irangi maze turyigeko. Ni iki? Ima ry'irangi. Riva hehe? Iryo rangi ryirabura rirafise igituma ririho. Rirashobora gukoreshwa mu kwandika icete c'uko nkuwe mw'ibohero canke ko ngiriwe ubuntu bwo kuva mu cumba c'abaciriwe urwo gupfa. Mbega ni ivy'ukuri?

Rirashobora kwandika Yohana 3 : 16 maze rigakiza ubugingo bwanje namba ndavyizeye. Mbega ni ivy'ukuri? Rirashobora kwongera gutezwa igikumu ngo mfatwe nicwe. Muri sentare rirashobora kuncirako iteka. Rirafise igituma ririho. Si ko biri? Ni uko, turabe iryo rangi maze turabe iyo riva. Ni irangi, ryakozwe n'ivyahinguwe mu bindi kandi ririrabura. Muriretse rikagwa ku mpuzu zanyu, rica rizishirako amabara. Ariko twarakoze umuti ukura amarabaga. Mwebwe mwa bagore, murakoresha umuti witwa « Clorox ». Mfashe ima ry'irangi nkarisuka mu mubehe wuzuye umuti ukura amarabaga. Iryo rangi rica rimera gute ? Umuti ukura amarabaga watowe kandi ukorwa mu buryo bwo guterateranya imiti kugira ngo izoyongobeze ibara kugeza aho batazoba bagishobora kuribona.

192 Igice kimwe c'umuti ukura amarabaga kigizwe n'amazi. Amazi na yo ni H2O, akaba agizwe na hydrogène hamwe na Oxygène, kandi ivyo vyompi biri hamwe bivamwo ikintu giturika c'ubumara. Hydrogène na oxygène mu vy'ukuri ni iminyota; iminyota ikozwe mu bindi bintu, ni ko biri. Ni ibikanyurwa vyasigaye mu vyo baterateranije. Mubivanze muca muronka amazi; ariko mubitandukanije muca muronka hydrogène na oxygène, ni ukuvuga ko ivyo bigaruka bikongera kuba ico vyari biri.

Ariko sinshoboye kubivugako. Kuko birashoboka ko muri ino nzu harimwo abavyize ari bo bashakashatsi muri vyo kandi sinoshobora kubivugako kuko abo bavyize bohava bavyumva. Sinzi inyandiko yavyo mu mpfunyapfunyo ariko ngomba ndabisobanure mu buryo buciye bugufi nk'uko ndavyumva, nizigiye yuko Imana ija kwihishura muri ubwo buryo nyene.

193 Murabona : nakororeye rya ma ry'irangi muri wa muti ukura amarabaga; haciye haba iki? Ubwo nyene rya bara ryirabura ryaciye rikamangana; ntimwoba mukiribona, riba ryagiye. Ntimuzosubira kuribona ukundi. Vyagenze gute? Nta na kimwe muzosubira kubona kivamwo. Kubera iki? Kuko ibirigize biba vyamaze gutandukanywa. Ubushakashatsi bwokwishura buti : « Ryasubiye muri za aside ryari ryavuyemwo. »

Izo aside zo zavuye he? Murashobora kuvuga muti: « Ziva mu bintu bimwe bimwe », nk'akarorero murashobora kuvuga yuko imihisha yatumye habaho za aside. None iyo mihisha yo yavuye he? Turashobora kuvuga y'uko imihisha yavuye

mu duhimba duto cane tutaboneka. Ariko utwo duhimba two twavuye he? Mu tundi duto cane tutobonwa n'amaso. None utwo two twavuye he? Mu tundi duto cane rwose turi mu bigize utwo duhimba. None utwo two twavuye he ? Mu muco wo kw'isi. Murabibona? Ubu rero mwateye intambwe, muca mukenera umushakashatsi! Kandi iyo ari ikintu gifise ubuzima, icaremwe, gitegerezwa kuza giturutse ku Muremyi, gurtyo rero ntimwicaye hano ku gihamana.

194 Sindabagumije hano kugeza isaha zitandatu n'igice canke isaha indwi ku gihamana! Intambuko z'umugororotsi zirongorwa n'Umwami. Murabibona? Hariho igituma ivyo biriho. Hariho igituma mwizera. Kandi hariho igituma mwizera. Kandi hariho n'igituma mutizera, ni co kimwe no kuri rino rangi. Ubu rero tubandanye tuvyihweza.

Dusubire inyuma kugera kuri twa duhimba duto cane tutaboneka. Dufate utwo duhimba. Dushire hamwe agahimba inomero 1 n'agahimba inomero 9, maze duce duteranya n'agahimba inomero 12; iyo tuja kuba twafashe agahimba inomero ya 11, vyari guca bitukura; ariko hakwiye kubaho agahimba kagira 12 kugira ngo haboneke ivyirabura. Tubandanye rero kugeza kuri twa tundi duto duto cane rwose turi mu nyuma y'utundi. Vyasavye ko dufata agahimba inomero 96 duteranya n'ak'inomero +4 3 kugira ngo dushike ku gahimba ka 16 11. Iyo tuba twashizeho agahimba ka 16 12, vyari gutanga ibara ry'agahama. Muca mubandanya gurtyo mubikora uko.

195 Ivyo bitwereka ko hariho ikintu cabanje kubaho. Bisaba kwiyumvira bisanzwe.

Ni ivyaremwe kandi vyasavye ko habanza kubaho Umuremyi; vyose vyaturutse ku Muremyi hanyuma birashingwa maze bishirwa mu mero zitandukanye. Ubu rero ubushakashatsi ntibushobora gufata agahimba bita B16 kugwiza 12 kugwiza incuro 14, n'ibindi... canke ico ari co cose kugira ngo bukore ibi canke biriya. Imana ni Yo yabikoze. Maze rero vyaciye biba uduhimba dukoranirijwe hamwe; ni ho honyene ubushakashatsi bwaciye bushobora kubikorako.

Hanyuma ivyo bica vyihindura muri twa duhimba maze bagaca barushirizaho kubibona neza. Hanyuma bica biba ikindi kintu, bidatevye bica biba ivyaterateranijwe biva mu bindi bivanzwe kandi biteranijwe.

196 Ngira mpagarike ariko nimunyumve neza. Igihe umuntu yacumura, yaciye yitandukanya n'Imana aca aja hakurya y'igisumanyenzi; aca yisuka mu rupfu hakuno y'urwo rusumanyenzi. Yataye ikibanza ciwe maze ntihabaho inzira yo kugaruka. Ni vyo koko. Nta buryo bwariho bwotuma agaruka. Ariko rero igihe yagikora, Imana yaciye yemera igisubirizi ariko cari umwagazi w'intama canke ikindi kintu, categerezwa gusesa amaraso yaco; Abeli yarabishingiye intahe ari hakurya y'igisumanyenzi.

Ari hariya hakurya aba ari Umwana w'Imana, yamuka ku Mana. Ni Samuragwa w'isi. Afise ububasha ku vyaremwe. Arashobora kurema akoresheje

Ijambo. Kubera iki? Kuko ubwiwe ni Umuremyi. Yamuka ku Mana.

197 Ariko igihe yajabuka ca gisumanyenzi yaciye yitandukanya na kamere kiwe ko kuba umwana. Aca aba uwa kamere k'icaha aja musi y'ikiganza n'ububasha bwa Satani. Imana na Yo yaciye yemera amaraso yiwe aturutse mu mubiri; ni ukuvuga yo kw'isi; ariko amaraso y'amapfizi y'inka n'ay'impene ntiyashobora kumutandukanya n'icaha; ico yashobora kwari ugutwikira icaha gusa.

Namba mfise ibara ritukura ku kiganza ngaca ndaripfukisha ivyera, iryo bara rigumaho. Murabona, ni ho rikiri, ariko Imana yararungitse Umuti ukura amarabaga y'icaha uvuye mw'Ijuru, ni amaraso y'Umwana wayo bwite. Iyo ivyaha vyacu vyatuwe bigakorokera mu muti w'Imana ukura amarabaga, murashobora kuguma mugerageza kubigarukana! Ibara ry'icaha risubira iyo ryazananye biciye ku Muhuza, maze kikarengana kugeza gishitse ku murezi ari we Satani, kikaguma kuri we kugeza ku musi w'urubanza.

198 Bica bigenda kuri uwo mwana? Aca yongera kugiriranira ubumwe na Se kandi agaca aja ku rundi ruhande rwa ca gisumanyenzi ntabe acagirizwa vya vyaha.

Ntiwoba ukibona n'aho caciye. Aba yidegemvya! Haleluya! Nk'uko nyene bimera kuri iryo rangi ritaba ricongera kuba irangi kuko riba ryayongeshejwe rigasubira iyo

ryaje riva, ni na kwo bimera. Kandi iyo icaha catuwe maze kikibizwa n'ukuboko kw'umugabo canke kw'umugore, na bo nyene bakaba baribijwe mu maraso ya Yesu Kristo, imigera yose ica ipfa. Maze agahimba kose k'icaha gaca gasubira kwa Satani maze kakaguma kuri we gushitsa ku musi w'urubanza; aho iherezo ryiwe ry'ibihe vyose riba ari iryo gutabwa mu kiyaga caka umuriro; kandi ca gisumanyenzi, umuntu aba akirenganye ntabe akicibuka ukundi. Umuntu na we aba ahagaze aho, yatsindanishirijwe, akaba umwana w'Imana nyene. Uguca bugufi.

199 Mose yari ari musi y'amaraso y'amapfizi y'inka n'ay'impene igihe yavuga Ijambo ry'Imana; kandi Imana yarashoboye gukoresha uwo mugabo yari aciye bugufi no gushira Ijambo ryayo mu kanwa kiwe. Yaciye yerekana ko yari Umukozi wa Yehova kuko yashoboye gusohoka... Yehova yavugana na we mu kwerekwa. Aca arasohoka atarika amaboko yiwe ayerekeje mu buseruko. Yamara nimwibuke ko Imana ari Yo yavuganye na we; cari iciyumviro c'Imana. Imana ikoresha umuntu. Imana yavuganye na we; ni ivy'ukuri!

Yaramubariye iti: « Tarika iyo nkoni iri mu kuboko kwawe uyirabishe mu buseruko uce uvuga uti: “Nihabeho ibibugu...”»

200 Maze Mose ari musi y'amaraso y'impfizi y'impene n'intama aca arasohoka, afata iyo nkoni arayiramvura ayerekeza mu buseruko, avuga ati: « Uku ni k'Uhoraho agize, nihabeho ibibugu! » Ako kanya nta kibugu na kimwe babonye. Aca yisubirira inyuma; Ijambo ryari ryamaze kuvugwa! Cari iciyumviro; hanyuma cari cashizwe ahabona, cavuzwe. Aho rero ryari Ijambo ry'Imana. Ryaje ku minwa y'umuntu, y'umuntu aciye bugufi ari musi y'amaraso y'impfizi

y'inka canke y'impfizi y'impene.

Ikintu ca mbere mwari gutangura kubona cari ikibugu kimwe gisa n'urwatsi rutoto kiriko kigurukira hirya no hino. Haciye akanya, ku metero kwadarato hari ibibugu vyinshi cane. Vyari ibiki? Ryari Ijambo ry'Imana ryari ryavuzwe na Mose, umuremyi, kuko ari musi y'amaraso yaba ahagaze mu nyonga z'Imana kandi ivyo yavuga ntivyaba ari ivyo yigeneye.

201 Ati: « Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebge, musabe ico mugomba cose, kizobabera kuno.» Ishengero riri hehe? Ati: « Ni habeho ibikere! » Nta gikere cari kiriho mu gihugu. Mu gihe c'isaha nk'imwe, hari hamaze kubaho ahantu hari umurundo wavyo. Vyari ibiki none? Yari Imana Umuremyi yari yihishije mu muntu aciye bugufi.

Ubu rero ngomba ndababaze ikintu kimwe. Namba amaraso y'impfizi y'inka canke ay'impfizi y'impene yakoreshwa nk'umuti wo gushongashongesha (ashobora gutwikira gusa), namba ayo Maraso ashobora gushikana umuntu ahantu ashobora kuvuga Ijambo rirema ry'Imana agaca atuma ibibugu bibaho, none ni ukubera iki mwotsitara kuri wa muti uhanagura amarabaga ari Yo maraso ya Yesu Kristo,

yatumye umuhare uremwa canke ikindi kintu kubwo Ijambo ryiwe?

Ntimukabikore. Ntimugatsitare ku vyicishije bugufi. Nimwizere ko akiri Imana. Ko aharira ivyaha. Mariko 11: 23. Avuga ati: « Ndababgira ukuri yuk'umuntu wese yobgira uyu musozi, ati shinguka utabge mu kiyaga : ntabikekeranye mu mutima, arikw'akizera yukw'ico avuze gikorwa, azobibona.»

202 Ndacafise urupapuro rumwe n'igice canke zibiri, ariko dutegerezwa guhagarika tukazibika. Ndabashimiye. Imana yihisha mu biciye bugufi. Ntimutahura? Hariho ikintu kitameze neza. Hariho ikintu kitameze neza. Iyo Imana ivuze ikintu ntishobora kubesha. Yarasezeranye. Yihisha mu biciye bugufi. Biciye bugufi cane ku buryo abanyabgenge n'abahanga baca bavuga bati: « Oh, yiyumvira ibibarimwo! » canke igisa n'ico.

203 Imana irashobora guhindukira n'ingoga na n'ingoga ikaraba mu bihe vyashize igaca ibabarira neza na neza ivyabaye. Irashobora neza na neza kukubwira uko umeze uno musi n'uwo uzoba uri muri kazoza. Vyama bifise agaciro ku bwa wa muti ukura amarabaga, wa Yesu Kristo, ushobora gufata umunyavyaha, ukamuhindura akera, kandi ugatuma ahagarara mu Nyonga z'Imana. Ngo : « Ni mwaguma muri jewe, amajambo yanje akaguma muri mwebge, musabe ico mugomba cose... »

Ngo: « Unyizera, ibikorwa jewe nkora na we azobikora. » Ati: « Ni kubera iki muncirako iteka, mbega ivyagezwe vyanyu bwite ntivyita imana abavugishwa na Yo abo Ijambo ry'Imana ryazako? None rero ni ukubera iki muncirako iteka iyo mvuze ngo ndi Umwana w'Imana? » Ivyo vyarabacitse ntibababibona.

204 Ubu rero Shengero, mu butumwa bugiye kuvugwa uhereye kuri uno

mugoroba, ivyo ntibije kubacika! Nimumenye igihe tugezemwo. Wibuke ko Amaraso ya Yesu Kristo akuraho ivyaha vyawe maze akabijana kure yawe cane ku buryo bitaba bicibukwa n'Imana ukundi. Akuraho amarabaga yose y'umwanda.

Icaha cari casize ibara ry'agahama,
Yararyogeje aranyeza nka shelegi
Ubu rero mpagaze imbere
Ya ya ntebe ntunganye muri We.

205 Oo, bene Data! Notungana gute? Notungana gute? Kuko Amaraso (si jewe ariko ni Amaraso) ari hagati yanje n'Imana. Narayemeye na we yarayanshizeko. Ndi umunyavyaha ariko Yo ni Imana. Ariko uwo Muti uri hagati yanje n'Imana kugira ngo wice icaha maze rero Imana ica imbona rero nk'ayo mazi nyene ari muri uwo muti. Icaha kiba cagiye. Ntidushobora no kwongera kugikorako kuko hariho Ikimazi.

206 Ukwizera kwanyu kuri hehe kugira ngo mwizere Ijambo ry'Imana riciye bugufi, kugira ngo mwizere ico Imana yavuze gusa kandi muyifatire ku co yavuze? Ubu Imana yihisha mu biciye bugufi, mu murwi muto uciye bugufi; ariko umusi umwe, izokwiyerekana nk'uko yamye ibikora igihe cose mu bihe vyashize. Murayikunda?

Ndamukunda, ndamukunda
Kuko yabanje kunkunda
Akandonkera agakiza
Ku giti i Kaluvariyo

207 Mbega muramukunda? Mbega si vyiza cane? Ndavyifuza kandi ndizera ko ubutumwa buzotanga ico bwateguriwe gutanga; ko buzobashikana ahantu ku buryo mutazoba mukirondera ibintu bisayangana canke ibindi. Ariko mubonye Imana mu bukuru bwayo, mukabona ukuntu ivyo vyiyoroheje, muzoca rero mubona Imana.

208 Igihe Eliya yari ari muri rya senga ryiwe arondera ubwiza bw'Imana, habayeho imituragaro, imiravyo n'ivyo bindi vyose abantu biyumvamwo nk'ivyo dufise uno musi : amaraso ku ruhanga no mu biganza, ariko ivyo ntivyigeze bikanga uwo yavugishwa n'Imana na gato. Yagumye arindiriye mu gacerre aca yumva akajwi kongorera. Vyari ibiki? Ijambo. Maze aca aritwikira arasohoka. Murabibona! Vyari ivyo.

209 Nimwibuke bagenzi, ntimurondera ibintu bikayangana. Muravuga muti: « Imana ». Ivyo bivuga ibintu bikomeye kandi vy'ubwiza. Hazoza igihe ibi na birya bizoshika, ibintu bikomeye kandi vy'ubwiza. Ndifuza ko mwotahura neza ivyo ndababarira : ibintu bikomeye vy'ubwiza. Ivyo bintu nivyashika bizoba bihambaye kandi ari ivy'ubwiza, ariko bizoba biciye bugufi cane rwose ku buryo mutazobona na kimwe maze muzokomeza gukora nk'aho ata cigeze. Ni ho rero muzohindukiriza amaso inyuma mukavuga muti: « Iki nticigeze

kiba! » Ivyo bizoba vyabarenganye kandi mutigeze munabibona kuko ivyo bizoba vyari biciye bugufi cane rwose! Imana iba mu biciye bugufi kugira ngo yiyerekanire mu bihambaye Yo nyene. Ni igiki kiyituma iba Iyihambaye cane? Ni uko Ishobora kwicisha bugufi. Umuntu ahambaye ntashobora kwicisha bugufi; ategerezwa kuba umunyacubahiro ahambaye. Murabibona? Ariko ivyo biterwa n'uko aba atarashikira urugero rw'uwuhambaye. Iyo ashikiriye urugero rw'umuntu ahambaye aca yicisha bugufi kandi akiyorosha gurtyo.

210 Nk'uko wa mutama mweranda wa hariya i Chicago : uwo mugabo yaje azananye n'ubumenyi bwiwe bwose n'ivyo yize n'ibindi, yamara yagiye atsinzwe, yicurikiye, agenda yaneshejwe. Uwo mutama yarongeye aravuga ati: « Iyo aja kuba yaduze nk'uko yamanutse, yobaye yamanutse nk'uko yari yaduze. »

Ni ivy'ukuri! Nimwicishe bugufi. Ca bugufi. Ntimurondere kuba abakomeye, nimukunde gusa Yesu. Muvuge muti: « Mwami, namba mfise ubugunge mu mutima wanje, namba hariho ikintu kitameze neza, yewe Data! Sinshaka kumera gurtyo. Wewe, kinkuremwo. Sinshaka kumera gurtyo. »

Uti: « Mwami, ngomba kuzoharuranwa na bo kuri wa musi, kandi ndabona uwo musi wegereje. » Murabona ko ivyo Bimatanije ca Gitabo bitanguye ku... Namba Imana igomba kubitumenagurira. » Nimwibuke ko ari Yo yonyene ishobora kubikora. Tubeshejweho na Yo. Imana ibahezagire!

211 Kandi Umwami niyabigomba, kuri uno mugoroba ndaja kuvuga ku vyerekeye ca Gitabo kimatanishijwe udushashara indwi. Hanyuma, ku wa mbere ku mugoroba, tuzovuga ku wugendera kw'ifarasi y'igitare. Ku wa kabiri ku mugoroba... Ku wa gatatu ku mugoroba naho tuzovuga ku wugendera kw'ifarasi y'agafyiri. Ifarasi ifise ibara ry'umunyota, ifarasi ibenjutse. Hamwe n'uwugendera kw'ifarasi y'akagajo. Hanyuma na ho, tuzoca tuja ku ca gatanda... Ica kane, ica gatanu, n'ica gatandatu, hanyuma dusubire ku w'iyinga mu gitondo, kumbure tuzogira igikorane co gusengera abarwaye. Ku w'iyinga ku mugoroba. Sindabizi.

212 Ubu rero, nimwibuke ko twebwe ubwacu twishikaniye Umwami, tukamushikanira n'uru rusengero, kubwo igikorwa c'Imana. Imana ibahezagire. Narengeje isaha yose. Murambabariye? [Ikoraniro riciye ryishura riti: « Amen » — U] Murabona, sindabikora ibigirankana. Ariko murabona ko ndi kumwe namwe indwi imwe gusa, hanyuma nzoca nsubira kugenda. Kandi sinzi aho nzoja. Aho izodongorera kuja ni ho nzoja gusa. Aho rero ngomba kuboneraho iminota yose nshoboye, kuko ngomba kuzobana na mwebwe mu bihe bihoraho. Imana ibahezagire. Ubu ni ahanyu, mwene Data Neville.

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7